**Université du Burundi**

**Dépôt institutionnel officiel** **https://repository.ub.edu.bi**

Grenier du Savoir du Burundi Mémoires et Thèses

2018

# Intâra yokunkîko-mugâmba kwa Barânyanka : amazina y'imihîngo n’imiryango yahagerereye

Haboniyaremye, Sylvestre

UB, Faculté des lettres et sciences humaines

https://repository.ub.edu.bi/handle/123456789/1332

*Téléchargé depuis le dépôt institutionnel officiel de l'Université du Burundi*

UNIVERSITE DU BURUNDI

FACULTE DES LETTRES ET SCIENCES HUMAINES

DEPARTEMENT DE LANGUES ET LITTERATURES AFRICAINES

# INTÂRÁ YÓ KUNKÎKO –MUGǍMBA KWĀ BÁRǍNYANKA : AMAZÍNA Y'ÍMIHÎNGO N'ÍMIRYĀNGO YAHÁGERĒREYE

Itōhōza ryǎgiriwe murí komīne Muruta, mu mazōne ya Muruta na Nkônge

Par

**HABONIYAREMYE Sylvestre**

**Sous la direction de :**

**Dr. BUKURU Denis**

Mémoire présenté et défendu publiquement en vue de l'obtention du grade de **Licencié en Langues et Littératures Africaines**

**Bujumbura, avril 2018**

## ITÛRO

Iki gikorwá ndagitūye

Umukényezi wānje ITANGISHAKA Illuminée;

Imfúra yānje IRANZI King-Patient;

Umuryāngo wānje ;

Incúti n' ábagēnzi.

**Ugukēnguruka**

Nîmba iki gikórwa gíshitse kw'īhérezo, ntivyăvūye kurí twēbwé gusa. Harihó abāntu batarí baké băfashije kugíra gishiké ngăha. Twāgōmba kubakēngurukira.

Turashīmiye abavyêyi bâcu bĭtānze bátīzíganya bakêmera bakaryá ibitágirá umûnyu ngo twīgé. Ndakēngurukiye cāne māwé CIZA Imelde n'úmuhísi Dātá NTACOBAZONGIRA Elias kū ndero nzīzá y'úbūntu yadúhāye.

Turashīmiye kăndi Kaminûza y'Úburŭndi yadúhāye ubumenyi ntāngére mu kudúha abĭgīsha b'înkérebutsi. Abo băradukébuye nk'ábavyêyi. Turabashīmiye bivūyé ku mutíma.

Turashīmiye cānecâné abĭgīsha bó mu gisáta c'Îndími n'Ámayăgwa vyā Afrika. Turashīmiye bimwé bivūyé ku mutíma umwĭgisha BUKURU Denis, yaráduhânūye yōngera aradúkebura atâ kutugirira ikibábarwé.

Tuboneyehó akáryo kó gukēngurukira abătwīgīshije böse kuva túgitāngura gushika ubu.

Imbere yó kurāngiza, turashīmiye uwó wese yagíze icó atērêra cânké yatwôrohereje kugíra dushiké kurí iyi ntâmbwé yó kurāngiza iki gikórwa. Hari abătānze ikárămu, ikaye, itike,… hari n'ábăduhāye impanūro, abo böse turabashīmiye.

## Insígūro y'ámajāmbo y'îshímikiro

| AMAJĀMBO | INSÍGŪRO |
|---|---|
| 1. Abĭru | Igisáta c'úmuryāngo w'Ábajîji bări bájējwe ibānga ryó kwākīra, gufuba nó gutérekēra abămi n'íngānzo zâbo. |
| 2. Ibānga | Igikórwa cūbáshwe kirāngûrwa n'úwakírazwe akacîtīrirwa. |
| 3. Ibāngo | Igikórwa gisānzwé kirāngûrwa n'úmūntu uwó arí we wēse. |
| 4. Igihēko | Ikimazi gikīngíra umūntu cânké umuryāngo. |
| 5. Igihúgu | Ubutaka n'ábanyágihúgu bagēngwá n'ámatégeko amwé bagatwārwa n'úmwămi umwé, umunyamabānga, umugánwa cânké umutwăre. |
| 6. Ikimazi | Igitŭngwa cānké igikórēsho umūntu cānké umuryāngo wāmána kikawurānga kikanáwukîngira. |
| 7. Ingānzo | Intátemwá, imvá y'úmwămi cānké y'úmugabékazi. |
| 8. Inkîko y'úmugămba | Igicé c'Úmugămba kirí ku rubíbe rw'Úrwānda, mu Burârūko bw'Úburŭndi. |
| 9. Umucó | Kāmére umūntu yīsângije, ako kāmére kagashobora kwĭserura mu migēnzo yîwé. |
| 10. Umugēnzo | Ukūntu umugwi w'ábāntu cānké w'íbikôkó waményereje kugēnda nó kugēndereza kugíra ngo iyo migwi íbého cókimwé. |
| 12. Umuhîngo | Izína ry'áhāntu hăbēreye igikorwá. |
| 13. Umugămba | Intâra yó mu Burŭndi bwā kêra ikomôka mu Butūtsi ikagera i Rwānda irí mu rugabanó rw'âmázi yá Kongo Nili. |
| 14. Umuryāngo | Umugwi w' ábāntu bafitániye ubucúti bukomôka ku maráso cānké intâra băje bávamwó. |
| 15. Umuziro | Ikīntu cīhánijwe, kidakorwá, uwukírēnzéko kikamugirira ingáruká mbi. |
| 16. Umwămi | Uwugába igihúgu yávūkanye imbúto. |

**INCÂMAKÉ**

Intârá yó Kunkǐko–Mugămba iri mū ntârá kāmá y'Úmugămba, murí komǐne Muruta, Matōngo na Kâbaroré zó mū ntârá ya Kayānza. Intârá yó Kunkǐko–Mugămba ni igihúgu căhoze gítwārwa n'Úmugánwa Pierre BARANYANKA. Kĕra ntâ mugánwa yagítwāra căramutswa umwămi kigatwārwa n'îvyârihó vyîwé. Umugánwa Barănyanka yaháshizwe n'Ábabirigi mu mwâka w'1920. Ico cĭbare kirimwó ibibănza vyūbáhwa bitwĭbutsa akăhise nk'íbigabiro vy'Ábămi, hamwé n'íbĭndi bibănza bifisé insígūro mu matêká y'Úburŭndi. Ibigabiro vy'Ábămi ni nk'ĭbi : Ikigabiro cā Ntáre Rugămba kirí i Mugānza, Ikigabiro cā Mútānga MBĪKIJE kirí i Rāmvya ryā Mutána, ikigabiro cā Mwêzi Gisābo kirí i Remera, hamwé n' íkigabiro cā Kirima kirí i Kanyânkuru. Túretse ibigabiro vy'Ábămi, ibĭndi bibănza vyūbáhwa bifisé izína rifisé insígūro ihāmbâye mu matêka y'Úburŭndi, ni nka Gatabo risigûra kó hăhoze igitabo gitôyi, hamwé nó mu Gíti havugwá kó ico gíti kitări igití c'úmukáratŭsi, arikó cări igíti c'Úmuvumúvumu, kikaba cări igitabo c'ábăhaba n'ábahêgereye. Imiryāngo ihagwĭriye kăndi arí nayó ihafíse amabānga y'ígihúgu ahāmbâye ni Abahânza, Abashûbi, Abavúmu, Abajîji, n'Ábazibīra.

# IBIRÍMWO

ITÛRO ........................................................................ i
Ugukēnguruka ........................................................................ ii
Insígūro y'ámajāmbo y'îshímikiro ........................................................................ iii
INCÂMAKÉ ........................................................................ iv
IBIRÍMWO ........................................................................ v
IKIGABÁNE CĀ MBERE: ........................................................................ 1
INTÂNGAMÁRĀRÁ ........................................................................ 1
1.1. Icătumye twîpfūza gutōhōza ku mazína y'ímihîngo n'ímiryāngo ........................................................................ 1
1.2. Ibibázo nyamúkurú twĭbajije: ........................................................................ 2
1.3. Ni kukí twăhisémwo gukórera KŪNKÎKO–MUGĂMBA ........................................................................ 3
1.4. Ubuhĭnga bwĭfashīshijwe ........................................................................ 4
1.5. Akamaro k'ĭri tōhōza ........................................................................ 5
1.6. Ingŏrane twăgize ........................................................................ 6
IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI : ........................................................................ 7
AKARÊRÉ K'ÍTŌHŌZA : INTÂRÁ YÓ KŪNKÎKO –MUGĂMBA KWĀ BÁRĂNYANKA ........................................................................ 7
2.1. Indôndabíhugu yâho ........................................................................ 7
2.1.1. Amakómĭne y'ŭbu agizé iyo ntârá ........................................................................ 7
2.1.2. Amazŏne y'ŭbu agizé iyo Ntârá ........................................................................ 7
2.1.3. Imisózi ya rusāsuma igizé iyo Ntârá ........................................................................ 7
2.1.4. Imitŭmba mikúru míkuru ........................................................................ 9
2.1.5. Imigezi n'înzûzi ........................................................................ 9
2.1.6. Ibirímwa n'íbitĕrwa ........................................................................ 9
2.2. Akăhise k'âho ........................................................................ 11
2.2.1. Intârá yó KŪNKÎKO –MUGĂMBA mu mpéra y'íkīnjana cā 19 nó mu kīnjana ca 20 ........................................................................ 11
2.2.2. Barănyanka (kuva mu mavûka yîwé gushika Abadăgi bágīye) ........................................................................ 12
2.2.2.1. Ubúto bwîwé ........................................................................ 12

2.2.2.2. Barănyanka i Tabora....13
2.2.2.3. Barănyanka agáruka mu Burŭndi....13
2.2.2.4. Barănyanka agênda i Kigoma....14
2.2.2.5. Imenyēkana ryā Barănyanka....14
2.2.2.5.1. Barănyanka ahâbwa intârá yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA....14
2.2.2.5.2. Barănyanka ahâbwa ingabo....15
2.2.3. Abatwăre bătwāriye Barănyanka n'îmbíbe zâhó bătwāra....17
2.2.4. Kirima....21
2.2.5. Kirima n'ábahŭngu bîwé....22
2.2.6. Intwâro ya Kirima....24
IKIGABÁNE CĀ GÁTATU:....27
AMAZÍNA Y'ÍMIHÎNGO YÓ MŪ NTÂRÁ YÓ KŪNKÎKO–MUGĂMBA...27
3.1. Intângamárārá....27
3.2. Ishírwa mu mirwi ry'ámazína y'ímihîngo....27
3.2.1. Amazína y'ímihîngo ajānyé n'âhó abāntu cânké ibīntu birāngwá....27
3.2.2. Amazína y'ímihîngo afatíye ku cûbahiro ahāntu hăhāmbwa....31
3.2.3. Amazína y'ímihîngo afatíye ku kamaro ahāntu hahābwá....33
3.2.4. Amazína y'ímihîngo afatíye ku buníni bw'áhāntu....34
3.2.5. Amazína y'ímihîngo afatíye ku mucó wó kwĭrārīra....35
3.2.6. Amazína y'ímihîngo afatíye ku mucó kamére w'áhāntu kānāká....35
3.2.7. Amazína y'ímihîngo afatíye ku búbi bw'áhāntu cānké bw'ábāntu bahabá....36
3. 2.8. Amazína y'ímihîngo afatíye kū ngáruká z'íntāmbara....37
3.2.9. Amazína y'ímihîngo afatíye ku mucó wó kuzīnduka....38
3.2.10. Amazína y'ímihîngo afatíye ku miryāngo yagérereye mu karêré runāká....39
3.3. Ibibănza bikwīyé kwībukwa nó gutêzwa imbere....40
UGUSÔZĒRA....42
IKIGABÁNE CĀ KÁNE :....43

IMIRYĀNGO YAGÉRĒREYE MŪ NTÂRÁ YÓ KŪNKÎKO-MUGĂMBA..43

4.1. Intângamárārá....43

4.2. Urutŏnde rw'ímiryāngo yagérēreye mū ntârá yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA ....43

4. 3.Uruhára rwâyo mu kwŭbaka igihúgu....44

4.4. Insígùro y'ímiryāngo yagérēreye mū ntârá KŪNKÎKO–MUGĂMBA....46

4. 5. Amâmūko y'ímiryāngo yagérēreye mū ntârá yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA ....47

IKIGABÁNE CĀ GÁTĀNU:....49

IMICÓ N'ÍMIGĒNZO Y'ÍMIRYĀNGO YAGÉRĒREYE KŪNKÎKO-MUGĂMBA....49

5.1. Intângamárārá....49

5.2. Imicó n'ímigēnzo imiryāngo nká yöse ihūrírakó....61

GUSÔZĒRA....64

Ibitabu vyăfashije murí iki gikórwa....65

INYÓNGERÁ....66

A. Ikigára c'ímiryāngo yagérēreye mu ntârá yó Kunkîko-Mugămba kwā Barănyanka....67

B.Urutŏnde rw'ábatânzi b'ínkúru....69

C. IBÍTI NDÔNDAMVYÂRO Z'ÁBĂTĀNZE INKÚRU....79

1. Igíti ndôndamvyâro cā NZEYIMÂNA Liboire (Umunyágisáka)....79

2. Igíti ndôndamvyâro cā SÊRUSHÂHU Léopold (Umuhânza)....79

3. Igíti ndôndamvyâro cā NĀHÎMÂNA Liboire (Umuzibīra)....80

4. Igíti ndôndamvyâro cā BAGAYUWĬTŪNZE Damien (Umurima)....80

5. Igíti ndôndamvyâro cā BARAKÂMFÍTIYE Nicodème (Umubānda)....81

6. Igíti ndôndamvyâro cā BUYÓYA Lucien (Umuhânza)....81

7. Igíti ndôndamvyâro cā NZOBONÍMPA Libère (Umuhânza....82

8. Igíti ndôndamvyâro cā BIGĒNDÁKO Pie (Umunyágisáka)....82

9. Igíti ndôndamvyâro cā GASHWABURIRA Jean (Umuha)....82

D. Amakáratá ........ 83
1. Ikáratá y'întârá ya Kayānza ........ 84
2. Ikáratá ya komǐne Muruta ........ 85
3. Ikáratá ya komǐne Kābaróre ........ 86
4.Ikáratá y'ámazǒne yagíriwemwó itōhōza: Muruta na Nkônge ........ 87
5. Ikáratá y'ímiryāngo irí murí Komǐne Muruta ........ 88
6. Ikáratá yērékana ivyǐbare vy'íngānzo ........ 89
7. Ikáratá y'Íngānzo ........ 90
E. Amafoto ........ 91
1. Ingānzo yá Mutâga Mbīkije i Rāmvya ryā Mutána ........ 92
2. Ifoto y'íngānzo ya Ntáre Rugămba i Mugānza ........ 93
3. Ingānzo ya Mwêzi Gisābo ku kirămbi cā Remēra. ........ 94
F. Urutônde rw'ámazína y'ímihîngo twǎkoréyeko ........ 95
G. Ibibázo vy'ítōhōza ........ 96
I. Ku mazína y'ímihîngo ........ 96
II. Ku miryāngo yagérēreye mu ntâra yó ku Nkîko-Mugămba ........ 96

# IKIGABÁNE CĀ MBERE:

# INTÂNGAMÁRĀRÁ

Akarêré kó KŪNKÎKO–MUGĂMBA ni akarêré kamwé mu tŭndi twĭnshi tugizé igihúgu. Ako karêré kagizwe n'ígicé c'Úmugămba kirí ku rubíbe rw'Ūrwānda n'Úburŭndi.

Umugămba ni intârá yó mu Burŭndi bwā kêrá ivá mu Butūtsi ikagera i Rwānda, ikaba ku rugabanó rw'âmâzi ya Kŏngo Nili.

## 1.1. Icătumye twîpfūza gutōhōza ku mazína y'ímihîngo n'ímiryāngo

Imyâka iramaze kurêngāna abatōhōji bîtayého ururími n'úmucó wâcu. Twăribajije impămvu n'ábanyámahănga bătōhōza ku ndími n'ímicó atarí ivyăbo, turahéza tubona kó nătwe vyōbá vyīzá dútōhōje ku rurími n'úmucó wâcu cānecâné ku mazína y'ímihîngo n'ímiryāngo yagérēreye mu ntârá yo KŪNKÎKO -MUGĂMBA.

Ku bijânye n'ámazína y'ímihîngo, twăkoze itōhōza kugíra twērékane kó izína ryōse rifise impămvu yatúmye ryītwá uku cânké kúriya. Ibi bituma túmenya ingéne umurŭndi yīfáta mu gihe kinākā, ingéne yīyúmvīra n'îngéne atēyé mu buzima bwîwé bw'ímînsi yōse. Ivyo birabóneka nêza mu gitabo cītwá *Onomastique Rundi*[1] cănditswe na F.M. Rodegem ahó yērékana nêzá ko izína ry'íkirŭndi rifisé insígūro. Dúfatiye aho, impămvu yatúmye dútōhōza ku mazína y'ímihîngo, ni ukó kĕnshi na kênshi izína ry'íkirŭndi rifisé ubutúmwa rishikíriza.

Iyĭndi mpămvu ni ukó ibitabu bimazé kwāndikwa bijānyé n'ámazína y'ímihîngo bikirí biké, arí na vyó vyătumye dútōhōza ku mazína y'ímihîngo kugíra dutūngîshe kăndi dutēzé imbere ururími rwâcu, ikirŭndi.

[1] Rodegem, F.M., *Onomastique rundi*, Bujumbura, 1965

Ku bijânye n'imiryāngo, twăkoze iri tōhōza kugíra twērékane ko Abarŭndi bafise imicó n'ímigēnzo isá aríko kó rimwé na rímwe harí imicó n'ímigēnzo dusāngá mu muryāngo kānāká aríko tudashobóra gusânga mu yĭndi miryāngo. Twăshātse kwĕrekana insígūro yâyo, uruhára rwâyo mu matêka y'Úburŭndi, amâmūko yâyo hamwé n'úruhára rwâyo mu kwŭbaka Uburŭndi.

### 1.2. Ibibázo nyamúkurú twĭbajije

**Ku mihîngo**

1. Umuhîngo ni iki ?

2. Ni indé yatânze amazína y'ímihîngo ?

3. Ni iyîhé mpămvu yatúmye ahāntu hîtwa gútya aríko ntihîtwe kúrĭya ?

4. Amazína y'ímihîngo yōba atâniye kukí ?

5. Ni ryârí izína ry'úmuhîngo rizimângana ?

Ku miryāngo

1. Umuryāngo ni ikí ?

2. Imiryāngo yōba yári ifíse uruhára mu kwŭbaka igihúgu ?

3. Urwo ruhára ni urûhé ?

4. Ni iyîhé micó n'ímigēnzo y'ímiryāngo yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA íhūríyekó ?

**Inyíshu mfátakíbănza**

**Ku mihîngo**

1. Umuhîngo ni izína ry'áhāntu hāzwí hăbēreye igikorwá.

2. Uwatânze amazína y'ímihîngo ni ikibâno, umūntu cânké abāntu.

3. Impămvu yatúmye ahāntu hîtwa gútya aríko ntihîtwe kúrĭya, ni igikórwa căhabēreye murí kăhise.

4. Amazína y'ímihîngo atāniye ku butúmwa atāngá.

5. Izína ry'úmuhîngo rizimāngana mu gihe ritaríko rirakórēshwa mu kibâno cānké iyó ritāndítswe.

**Ku miryāngo**

1. Umuryāngo ni umugwi w' ábāntu bafitániye ubucúti bukomôka ku maráso cānké intâra băje bávamwó.

2. Ego

3. - Yarárwānira abămi n'ábagánwa

- Yaráca imănza

- Yaráfasha mu bikórwa vy'ítērambere

- Yarátwāra

4. Imiryāngo yaráhāna abageni, yarátērērana mū mănza, ntiyarôngora abîshwa, yarátūnga ibimazi.

**1.3. Ni kukí twăhisémwo gukórera KŪNKÎKO–MUGĂMBA**

Ako karêré kăcaguwe ku mpămvu zitāndúkānye. Twōvuga kó ako karêré karí mu tŭndi twĭnshi tubīkíye ibitári biké igihúgu bijānyé na kăhise n'ímicó n'ímigēnzo vy'Ábarŭndi.

Ku bijânye na kăhise, twăshātse kwībutsa kó ako karêré kătwāwe n'ábatwăre batāndúkānye mu búryo butāndúkānye. Twōvuga nka Kirima na Bárănyanka.

Ku bijânye n'ímicó n'ímigēnzo vy'Ábarŭndi, twăshātse kwībutsa kó ako karêré kări kâracâguwe ngo bazôzé baragafubámwó abămi b'Úburŭndi mu gihe bītávye

Imâna. Ahó twōvuga nka Ntáre RUGĂMBA, yabîkiwe i Mugānza, Mwêzi GISĀBO i Remēra na Mutâga Mbīkije yabîkiwe i Rāmvya ryā Mútána...

Mu yăndi majāmbo, twăhisémwo ako karêré kugíra twērékane akamaro kâko hâba murí kăhise cânké mu micó n'ímigēnzo vy'Ábarŭndi. Twăshatse kwĕrekana kăndi kó ako karêré gakwīyé kwŭbahirizwa nó gukīngirwa kukó hamwé katōkwūbahirizwa cânké ngo gakīngírwe, igihúgu cōhava gítākaza ibitári biké bijānyé na kăhise n'ímicó n'ímigēnzo vy'Úburŭndi.

Twōhava twîbagira ako karêré, abatwăre băhatwāye, abămi băhabīkiwe, abări bájējwe ibānga ryó kurârīra ibigabiro vy'Ábămi n'íbĭndi.

Imbere yó kurāngiza, twăhisémwo ako karêré kugíra tukarătire abakâzi n'ábatákăzi. Twăshātse guhámagarīra Abarŭndi n'Ábanyámahănga ngo bāzé kurātira ijîsho ako karêré kukó Abarŭndi bărayamáze bati:

"Inkúru mbárirano irutwa n'îyo wībóneye."

### 1.4. Ubuhĭnga bwĭfashīshijwe

Murí iki gikórwa, ubuhĭnga twăkorēsheje ni ubuhĭnga bw'ítōhōza. Ubwo buhĭnga bwăkoze kū ngero zibiri:

Urugero rwā mbere, ni ukwēgeranya amazína y'ímihîngo n'ímiryāngo yŏse yagérēreye mu ntâra yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA.

Urugero rwā kábiri ni kurōndera no kumenya insígūro y'ámazína y'ímihîngo. Ku bijânye n'imiryāngo yagérēreye mu ntâra yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA, ni kurōndera nó kumenya imicó n'ímigēnzo, insígūro y'îyo miryāngo, uruhára rwâyo mu matêka y'ígihúgu, amâmûko yâyo hamwé n'úruhára rwâyo mu kwŭbaka Uburŭndi.

Kurí izo ngero zŏse ukwó arí zibiri, itōhōza ryó ku kivi ritegerezwa. Mu gihe twărikó túrōndera insígūro y'ámazína y'ímihîngo hamwé n'ímicó n'ímigēnzo

y'ímiryāngo, insígūro yâyo, uruhára rwâyo mu matêká y'ígihúgu, amâmuko yâyo, hamwé n'úruhára rwâyo mu kwûbaka Uburŭndi, abatânzi b'ínkúru bătegerezwa gutânga insígūro, bíshoboka bagatânga n'ímpămvu yâyo. Ku bijânye n'ímiryāngo, bătegerezwa gutânga insígūro yâyo, imicó n'ímigēnzo, uruhára rwâyo mu matêka y'ígihúgu, amâmuko yâyo hamwé n'úruhára rwâyo mu kwŭbaka Uburŭndi. Intūmbēro yári iyo kurōnka inkúru nyĭnshi zishobóka.

Kugíra turōnké inkúru zó, twĭfashīshije abatânzi b'ínkúru băvūkiye murí ako karêré cānecâné abatāma n'ábatāmakazi, ahó mbére twănabafashe amajwí dúkorēsheje terefone ngēndánwa.

## 1.5. Akamaro k'ĭri tōhōza

Iri tōhōza ryăradufashije kumenya ibitári biké bijānyé n'ĭki gikórwa. Ryătumye túrōnka inkúru zitarí nké zijānyé n'ámazína y'ímihîngo hamwé n'ímiryāngo yagérēreye KŪNKĨKO–MUGĂMBA. Abarŭndi na bó bărayamáze bati: "Uwútăyāze na sé ntamenyá icó sĕkuru yasíze avúze", abăndi na bó ngo: "akanyoni katagurútse ntikamenyá iyó bwēzé". Ryăradufáshije kăndi kudákēkéranya ku nsígūro y'ámazína y'ímihîngo nó kū nsígūro y'ímiryāngo, uruhára rwâyo mu matêka y'ígihúgu, amâmūko yâyo hamwé n'úruhára rwâyo mu kwŭbaka igihúgu. Iri tōhōza ryăratúmye kăndi túmenya ibitarí biké bijānyé na kăhise n'ímicó n'ímigēnzo y'ígihúgu câcu. Ku bijânye ná kăhise, ryărāmfáshije kumenya kăhise k'întârá yó KŪNKĨKO–MUGĂMBA, abatwăre băhatwaye n'îngéne băgiye barakúrikirana. Ku bijânye n'ímicó n'ímigēnzo, iri tōhōza ryătumye nshóbora kumenya imicó n'ímigēnzo y'ímiryāngo yēgéreye murí iyo ntâra, ahó mbére imiryāngo nka yŏse isāngíye imicó n'ímigēnzo kíretse kó harí biké badasāngíye. Imbere yo kurāngizá, iri tōhōza ryăradufáshije kudôndōra intârá yó KŪNKĨKO–MUGĂMBA. Ryăradufáshije kumenya kăhise k'întârá, ahó mbére twăshoboye kurātira ako karêré Abarŭndi n'Ábanyámahănga batări bákāzi. Murí rusăngi, iri tōhōza ryăratuményēsheje

ibitári biké. Aho twōvuga nk'îndôndabíhugu, kăhise, insígūro y'ámazína y'ímihîngo, imicó n'ímigēnzo hamwé n'úruhára rw'ímiryāngo mu kwŭbaka iki gihúgu c'Úburŭndi.

## 1.6. Ingŏrane twăgize

Ingŏrane twăgize, ni iyó kumenya abatânzi b'ínkúru bīzêwe. Nâhó iri tōhōza ryăbēreye mu ntârá iwăcu, bĕnshi băratînye kudúha inkúru. N'âhó bări bâsígūriwe nêza intūmbēro y'ítōhōza, bamwé băratinye, bakîtiranya ijāmbo umuryāngo n'ûbwôko. Abăndi na bó băca bîyumvīra kó iri tōhōza hōbá hári icó risāná n'íbibázo vy'ámatōngo birí mu gihúgu. Abăndi na bó ntibătanzwe kudúcīra imigáni nka : "Imâna iragura inyôye", abăndi na bó ngo "ubunyegeri buyāgira kw'īgufa."

Mu vy'úkurí ntivyări vyôroshe kurōnka inkúru ku bibázo bīnākā kukó imbere yó gutânga inkúru, abatári baké băbanza gusaba impêmbo n'âho bări bâsiguriwe nêza intūmbēro y'ígikórwa. Hari mbére n'ábatânzi b'ínkúru băfata kó ikibázo cŏse babajíjwe kigōyé, ahó mbére bĭshura ibitájānye n'íkibázo babajíjwe. Abăndi na bó băshaka kuvúga ivyó bāzí vyŏse ku kibázo kānākā ahó mbére wasânga bâtâye intūmbēro y'ígikórwa. Ntitwōkwībagira kuvúga kăndi abatânzi b'ínkúru bătanga inkúru atarí zó bívānye n'ûkó bavyĭshākiye bó nyéne cânké bívānye n'úkwībagira.

Mu kurāngiza, ni igikórwa cărānzwe n'íngŏrane zitarí nké cānecâné zifatíye ku batânzi b'ínkúru kukó bĕnshi murí bo băsaba amananíza. Ni igikórwa kăndi căturuhīshije kukó twătégerejwe kwĭshikira ku kivi ahó vyătwāye mbére ubúryo butarí buké ku bijânye nó kwĭyunguruza mu turêré dutāndúkānye tw'întâra yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA.

# IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI :

# AKARÊRÉ K'ÍTŌHŌZA : INTÂRÁ YÓ KŪNKÎKO –MUGǍMBA KWĀ BÁRǍNYANKA

## 2.1. Indôndabíhugu yâho

### 2.1.1. Amakómǐne y'ǔbu agizé iyo ntârá

Intârá yó KŪNKÎKO–MUGǍMBA igizwe n'ámakómǐne atatu : Matōngo, Muruta na kâbaroré. Komǐne Matōngo iri mu Bumanuko bw'ǐyo ntârá ikaba kǎndi ihâna urubíbe na komǐne Bukêye yó mū ntâra ya Murāmvya bícīye ku rûzi Nkokoma rugabúra ayo makómǐne. Komǐne Matōngo ihāna urubíbe kǎndi na komǐne gatára bícīye ku rûzi Ruvúbu. Irahâna urubíbe kǎndi na kómǐne Muruta ahó iyo kómǐne ya Muruta irí hagáti ya kómǐne Matōngo na kómǐne Kābaroré. Komǐne kābaroré na yó iri mu burârūko bwā kómǐne Muruta kǎndi ihāna urubíbe n'ígihúgu c'Úrwānda bícīye ku rûzi Kayáve hamwé na kómǐne Busīga yó mū Ntârá ya Ngōzi.

### 2.1.2. Amazǒne y'ǔbu agizé iyo Ntârá

Komǐne yöse irí mū Ntârá yó KŪNKÎKO-MUGǍMBA irafíse amazǒne ayigíze. Komǐne Matōngo ifise amazǒne atatu : Rugānza, Bānga na Burārana. Komǐne Muruta na yó nyéne ifise amazǒne atatu: Muruta, Nkônge na Rwēgura. Komǐne Kābaroré ifise amazǒne atatu na yó nyéne: Jéne, Kābaróre na Rugázi.

### 2.1.3. Imisózi ya rusāsuma igizé iyo Ntârá

Komǐne yöse irí mū Ntârá yó KŪNKÎKO-MUGǍMBA irafíse imisózi ya rusāsuma iyigíze. Iyo misózi yakóranirijwe mu mazǒne atāndúkānye.

Komǐne Matōngo ifise imisózi ya rusāsuma 32, ikaba irí mu mazǒne atatu: Murí zǒne Rugānza, hari imisózi ya Mugānza, Nyarumānga, Ngóro, Ntêko, Bāndāgá,

Gasáre, Mvŭmvu, Rugānza, Burêngo, Kibávu, Rukóma, Gitwé, Camízi, Kabuye, Munyínya na Musŏnge.

Murí zŏne Bānga na hó hari imitŭmba ya Bānga, Rudehe, Murămbi, Muníni, Nyakibīngo, Mpêmba, Matōngo, Mutarúre, na Bihûnge.

Murí zŏne Burārana, hari imitŭmba ya Mikămba, Kijúri, Burārana Butûhúrana, Bwĭsānge, Ruvúmu, na Nyárurămbi.

Komĭne Muruta ifise imisózi ya rusāsuma 25. Murí zŏne Muruta, hari imisózi ya Muruta, Nyamiyogoro, Myūgaríro, Câmpázi, Buziraguhīndwa, Remēra, Busāmbo, Kārunyínya na Yānza. Zŏne Nkônge na yó ifise imisózi ya Nkônge, Mikúba, Mutána, Gishûbi, Nyakíbári, na Ruvúmu. Zŏne Rwēgura na yó ifise imisózi ya Mpfûnda, Maníni, Kibákwe, Rwāgōngwé Kāserége, Mucîro, Ruháro, kavōga na Rwēgura.

Komĭne Kābaroré na yó ifise imisózi ya rusāsuma 37. Murí zŏne Jéne, hari imisózi ya Rorero, Jéne, Ngoma, Ruhere, Karamá, Runyínya, Mānga, Ruhoróro, Ruhĭnga, Ryāmukōna, Kibúba, Mugoyi, Rusămbi, Kigeri, Rānda, Kivúmu na Mútana.

Zŏne Kābaroré na yó ifise imisózi ya rusāsuma ya Nyamísagára, Mugōngo, Kidûndŭri, Mugera, Munege, Gikīngo, na Kirehe.

Murí Zŏne Rugázi na hó hari imisózi ya Gashúru, Dusasa, Nyakwāga, Nyănza, Tōndero, Gisagára, Buvumo na Bwîza.

**2.1.4. Imitŭmba mikúru míkuru**

Imisózi yöse yó mū ntârá yó KŪNKÎKO –MUGĂMBA ntingána. Aho ntíturābá ubuníni n'úbwăguke bw'úmusózi umwé umwé. Turāba nyăbuna ivyăbereye ku musózi uyu cānké úrĭya. Hari imisózi dusāngá ko ibigabiro vy'Ábămi, iyĭndi nayó ikaba yári ifíse ibitabo, ni ukuvúga ahó băsengera kĕra. Iyo misózi ni yó irutá iyĭndi. Imisózi rēró dusāngáko ibigabiro vy'Ábămi ni Remēra, Mugānza, Mutána, na Nyákibári. I Remēra hari ikigabiro cā Mwêzi Gisābo, i Mugānza hari ikigabiro cā Ntáre Rugămba, ku Mutána hari ikigabiro cā Mútāga Mbīkije, i Nyákibári hari ikigabiro cā Kirima. Imisózi na yó yári ifíse ibitabo, ni umusózi wa Buziraguhīndwa mu gacīmbiri Gatabo, Cāmpázi ku gacīmbiri Gatabo (akăndi gacīmbiri kītwa Gatabo), Maníni mu gacīmbiri gíti (ahó ico giti cări igitabo. Iyo misózi irasūmba rēró iyĭndi yöse isigáye.

**2.1.5. Imigezi n'ĭnzûzi**

Intârá yó KŪNKÎKO –MUGĂMBA irafíse inzûzi n'ímigezi. Inzûzi nkúru nkúru zirí kū Nkîko –Mugămba, ni ruvúbu na kayáve. Izĭndi ni inzûzi ntŏto. Urûzi Ruvúbu ruca ku makómĭne ya Muruta na Matōngo, rukamanuka rúrēngāna rúcīye murí komĭne Gatára.

Imigezi na yó dusāngá murí komĭne Muruta ni : Gihórwe, Rushishima, Gasūmo, Kanyámihŭnda, Nakigānga, Magānga, Rwíntāmbwe, Kanyŏmvyi na Nyácījimá. Murí komĭne Matōngo hari Nyakábĭndi, Gasárará, Rutóbo, Nkokoma, Nyawîseséra. Murí komĭne Kābaroré, hari Kayáve, Nayandaro, na Mwŏgere.

**2.1.6. Ibirímwa n'íbitĕrwa**

Abarŭndi bĕnshi batūnzwe n'úburimyi. Ibitĕrwa dusāngá mū ntârá yó KŪNKÎKO –MUGĂMBA ni ibi:

| **Ibitĕrwa** | **Amôko yâvyo** |
|---|---|
| **1. Ibitōke** | Ibisúbi, ibisĕnyi, ibikāshi, akamáramásĕnge, ibīngurube, ibihonyi, imibíra, inkíra, mujuwa. |
| **2. Ubúro** | Námpfūnsi : ubúro bwībûmbata bukaba bugúfi búgufi |
| **3. Ibigôri** | Nágasekéri, amaséga, namuriza, rwāgitáré, ruhēngeri |
| **4. Ibiharage** | Amakūtsapātaro, agahárawe, ibiháro, nyawĕra, wanzányumbóna, amakāki, kinúre, ruvûzo, nsênyabitíba, amakōnkobori, amabaya |
| **5. Ubwīshaza** | Mubirīzi : bufise intete níni |
| **6. Inzúzi** | Umudege, umusûsa, umuhiti, igihwănya, ikiyŏti |
| **7. Amateke** | Amarŭndi, amagândé, amafyíru |
| **8. Ibijūmbu** | Guminó, námukōbwá, kijāmbere, nabusegenya, mvunumuhíni, nakarōti, gitwéndêguje |
| **9. Imyūmbati** | Iyihóze (imihóro): gisurupiya, maguru y'ínkwăre, imiryâbakwé<br>Iyirúra (ibitāmĭsi) |
| **10. Amasáka** | Amasáka yĕra (amêru) |
| **11. Ibirāyi** | Ndīndámagára, ruhēngeri, sāngema, kwêzikumwé, kijūmbu, magayáne, gashára |

Hāmbavu y'ĭvyo twāvuzé, mu ntârá yó KŪNKÎKO –MUGĂMBA bararima ibirāyi, ikáwa, icâyi, ingano, igitūnguru, amasho, itómăti, imbóga z'ûbwôko bwĭnshi nk'írnyabutōngo, ipinări, intore n'íbĭndi.

## 2.2. Akăhise k'âho

### 2.2.1. Intârá yó KŪNKÎKO –MUGĂMBA mu mpéra y'íkīnjana cā 19 nó mu kīnjana ca 20

Mu mwâka w'1899 nihó Kirima yatângura gutêra intâra yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA, igicé có mu Burârūko c'întârá kāmá y'Úgămba ahó mbére yári amáze kwĭgarurira ikĭndi gicé kitarí gitó có mu Mirwa mu mwâka w'1893. Ivyo birabonéka nêza mu gitabo ca SIHINGEJEJE Vincent[2].

Ahāntu höse hătēwe na Kirima hăgumye hátwārwa na wé gushika mu 1920 kukó murí uwo mwâka ni hó yĭtaba Imâna i Munanira. Kuva ico gihé, Barănyanka yacîye arûngikwa gutwâra iyo ntâra. Intârá yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA. Cări icĭbare c'Âbêzi kăndi yagúmye arí zŏne y'ábărārīra íbigabiro vy'Ábămi i Budândări n'í Buruhūkiro. Kirima amáze gushika murí iyo Ntâra, Abîru arí bo bări bájējwe ayo mabānga băciye bábogozwa.

Mu 1920, itárikí 15 z'ûkwêzi kwā káne, Kirima ntiyŏngeye kubêra intâmbamyi umūntu n'ŭmwe. Kurí uwo mŭnsi ni hó Kirima yĭtavye Imâna i Munanira[3]. Abatwăre bashăsha băciye bágaruka murí ako karêré. Murí abo batwăre, twōvuga Barănyanka, umutáre, akaba yári afise kăndi imisózi yatwâra mu ntârá ya Gítega.

Agíshika mu Burârūko, Barănyanka yári afise agacé gató kó KŪNKÎKO–MUGĂMBA. Mu burēbure kăhana urubíbe mu Burârūko n'Úrwānda kăndi kăgarukira mu Bumanuko mu Kayānza (igisagára c'ŭno mŭnsi). Mu bwăguke kăhana urubíbe na komĭne Cíbitōke mu Burêngero. Mu Buseruko, kăhana

[2] SIHINGEJEJE, Vincent ; *L'anti-roi Kirima ou l'échec d'une tentative dynastique, Fin 19ème siècle début 20ème siècle*, Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, p. 115.

[3] SIHINGEJEJE, Vincent ; Ibidem

urubíbe na Kayáve. Imbíbe zăko karêré zărāguwe mū mpănde zöse[4] kíretse mu Burêngero.

Iryo zína ryó KŨNKÎKO–MUGĂMBA ntiryăgumye hó gushika mu 1945. Akarêré köse kăcīye kîtwa izína ry'úwagátwāra. Kăcīye kîtwa akarêré kā Barănyanka. Kuva ico gihe, uburêré bwöse bw'ĭyo ntârá bwăcīye bwîtwa ayándi mazína.

## 2.2.2. Barănyanka (kuva mu mavûka yîwé gushika Abadăgi bágīye)

Barănyanka yavûtse mu 1890. Abadăgi na bó băsubuye iwăbo mu 1916. Ico gihe Barănyanka yári afise imyâka 26. Murí uwo mwâka Barănyanka yacîye ahágarika ivyó kwĭga.

### 2.2.2.1. Ubúto bwîwé

Ubúto bwā Barănyanka bwăbaye butó mu muryāngo wîwé kukó yahámaze imyâka iné gusa. Yacîye agênda i Nyámugári (i Gitéga) ahó yarônkeye inyígīsho z'úbutwăre. Abashîngantăhe b'i Nyámugarí băramukûnze, binatuma básaba Sé wîwé Sêruvâga ngo ababĕre umuhŭza.

Mu 1913, ishŭre ry'Ábadăgi ahó rīzíye i Gitéga, indero yîwé yó mu muryāngo yacîye ihérekezwa n'indéro y'íshŭre. Barănyanka yĭga ku mutâga agatwāra mw'ījoro. Iryo shŭre yaryîze imyâka itatu, yahîze igiswâhili n'íkidăgi.

Mu 1916, bívānye n'ívyătēwe n'íntāmbara yā mbere y'îsi yöse ku gihúgu câcu, Barănyanka yacîye ahágarika ishŭre n'úbutwăre. Abadăgi băcīye básubira iwăbo básubijwe inyuma n'Ábabirigi.[5]

[4] NDAYIZIGA, Charles, BARANYANKA et sa chefferie de Kūnkīko–Mugămba, Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, p.6

[5] NDAYIZIGA, Charles, op.cit.p.25

#### 2.2.2.2. Barănyanka i Tabora

Barănyanka yarágīye i Tabora ahérekeje Abadăgi mu gihe bărikó barasúbira iwăbo. Barănyanka yatúmwekó kumwé n'ábăndi batwăre na Ntarugéra arímwo[6]. Ntarugéra ntiyarênze mu Rutana i Nyakazu. Barănyanka wé yarábāndanije gushika i Tabora muri Tanzania. Aho yahámaze umwănya muníni. Ni nk'âmezi indwi cânké umunăni.[7]

#### 2.2.2.3. Barănyanka agáruka mu Burŭndi

Kw'ītégeko ry'úmutégetsi w'Úbubirigi mu Burŭndi yĭtwa Malfeyt, Barănyanka yacîye agáruka i Gitéga ahări hásānzwe hátwārwa n'úmubirigi Ryckmans. Barănyanka yarûmvirizwa cane n'ŭwo mutwăre w'Úbubirigi. Barănyanka yĭze igiswahili kw'īshŭre ry'Ábadăgi kăndi ikirīngo yamáze murí Tabora cătumye igishwahili kíba ururími rwîwé rw'Ímînsi yŏse. Ni na có cămuhūza n'Ábadăgi. Barănyanka yári azí kăndi kăhise k'ígihúgu kukó inyígisho yáha Ryckmans zărumvirizwa cāne.

Mu gihe Barănyanka yári i Tabora, amatōngo yîwé yacîye yîgarurirwa n'úwŭndi mūntu yĭtwa Kinyârutáma, ahó na wé nyéne yári yêgereye abadăgi. Ryckmans ni wé yafáshije Barănyanka ahó mbére yahávuye abá umutwăre mukúru wó KŪNKÎKO–MUGĂMBA.

Bídatevyé, Barănyanka yahávūye arônka agashīmwe ku bikórwa yakóreye Ababirigi mu mwâka w'1920 inyuma y'âhó Kirima yītábiye Imâna. Yacîye arûngikwa gutwâra akarêré kătwārwa i Ngozi ku rubíbe rw'Úrwānda.[8]

#### 2.2.2.4. Barănyanka agênda i Kigoma

Barănyanka có kimwé n'ábăndi batwăre bó mu Burŭndi băragîye i Kigoma murí Tanzania. Aho bwări ubugíra kabiri. Murí abo batwăre, hărimwó Nyenáma

---

[6] SMETS, Georges, Interview du chef Baranyanka du 4/6/1935, p.8

[7] SMETS, Georges, Interview du chef Baranyanka du 4/6/1935, p.8

[8] NDAYIZIGA, Charles, op.citp.28

yatwâra intâra y' Ímbo-Mugămba, Nzēye umuhŭngu wa Ntárugéra, Mbóneko umutwăre w'întârá ya Kirimiro. Ku ruhănde rw'Ábabirigi, hărimwó Pierre Ryckmans hamwé na L. De Lammoy, icēgēra c'úwatwâra igisirikare c'Úburŭndi[9].

Imĭnsi cúmi n'ŭmwe (11) bămaze i Kigoma yatúmye Barănyanka aményēkana cane. Twōmenya kăndi kó imĭnsi yā mbere ya Barănyanka yó kumenyana n'Ábabirigi yamúbēreye imĭnsi myīzá. Mu mĭnsi yā mbere, Ryckmans yacîye amúgira umwĭgīsha wîwé. Ni wé yĭkoráko mu mabānga ahāmbâye. Mu 1920, yacîye atôrwa ngo abé umutwăre wó KŪNKÎKO–MUGĂMBA.

Mu gihe yári kumwé n'Ábadăgi, Barănyanka ntiyĭpfuza kugaruka mu Burŭndi. Yári afíse ubwôba kó Ababirigi bazôháva bámwagiriza kwĭfatanya n'ûmwânsi wâbo arí bó Badăgi. Yaránabásavye kó bōmujăna mu Budăgi. Mu kumuhakanira, bămubwīye kó Ababirigi na bó nyéne arí bēzá.

### 2.2.2.5. Imenyēkana ryā Barănyanka

Barănyanka yaráshoboye kwĭyegereza Ababirigi abífashijwe n'ûbwênge bwîwé, kubâma hafi nó kubá yári yáramáze kwĭyegurira imicó n'ímigenzo vy'ábanyámahănga. Imbere y'1920, ku gihe c'Ábadăgi, Barănyanka yári umutwăre asanzwé ahó yári afíse imisózi yatwâra i Gitéga. Nta ho bări báhuriye n'ábatwăre bakúru bákuru nka Karabôna[10], Nduwŭmwe, na Ntárugéra[11]. Mu 1931, yarárōnse ububăsha nk'ûbwó umutwăre mukúru.

#### 2.2.2.5.1. Barănyanka ahâbwa intârá yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA

Hări mu mwâka w'1920. Hāmbavu y'ámatōngo yári afíse i Gitéga (i Bwēyerezi), yaráhāwe ayó KŪNKÎKO–MUGĂMBA ahăhora hátwāra Kirima.

---

[9] NDAYIZIGA, Charles, op.cit. p.21

[10] MANDA, Jean Pierre ; *La chefférie de Karabona fin du xixe siècle -1945*, Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, 1983.

[11] NDAYISHIMIYE Donat ; *Ntarugera, un grand chef de Bwêru, fin 19e siècle-1921*, Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, 1980.

Kirima yapfûye murí uwo mwâka nyéne Ababirigi baca bashīnga itégeko ryó guhéraheza ibijânye na wé vyöse. Ahăhora hátwārwa na Kirima hărafáshwe ahó hăciye háhābwa abăndi batwăre bashăsha[12]. Abo na bó ni Nduwŭmwe, Bishīnga, Bijiginya, Kwāburí, Rutuna, Musămba, Murīzo, Gikoro, Mugero na Bárănyanka.

Iyo ntârá nshăsha ya Bárănyanka yarí kure y'íkirĭmba cîwé i Gitéga. Kanátsīnda yári yácāguwe n'Ábabirigi ngo agēndé gutwâra iyo ntârá, yarí yáhoze itwârwa na Kirima. Amatōngo yîwé yacîye ayágabira mwĕne wâbo Mazóbe yába i Nyámugári.

Mu 1921 umwâka umwé ngo ashiké i Ngōzi, akarêré yatwâra kăragutse. Yahávūye atôra amatōngo ya Museruko yári yárānse gutânga. Ayo matōngo yayáfatīshije umuheto barahéza baragabura na Ndúwŭmwe.

Inyuma y'îmyâka itatu mu 1924, Ababirigi băciye bámuha ahăhora hátwārwa na Sênyaruguru[13] uwo na wé akaba yári yîkuye mu mabānga kukó yári ashâje.

Mu mwâka w'1931, Barănyanka yaráhāwe igicé kiníni c'ámatōngo ya Ndúwŭmwe: Remēra, Kŭngere, Bānga na Busīga. Ukwo kwăkwa kw'ámatōngo kwa Ndúwŭmwe kwătegetswe n'Ábamisiyonārí bā katōriká kukó uwo mutwăre ntiyabánēzereza bívānye n'ûkó atări bwâbatízwe murí katōriká.[14]. Barănyanka yarônkeye ibátīsímu i Gatára mu 1921 ahó mbére yatúmye abăndi bāntu 400 bábatīzwa.

### 2.2.2.5.2. Barănyanka ahâbwa ingabo.

Ku rwêgo rw'ígihúgu, Barănyanka yári asânzwe arí umutwăre nk'ábăndi batwăre b'Âbêzi. Barănyanka yarádūze kū ngabo gushika ahó asigára arí hējuru

---

[12] NDAYIZIGA, charles, op.cit. p.30
[13] NDAYIZIGA, Charles, op.cit. p.31
[14] NDAYIZIGA, Charles, op.cit. p.31

hâba mu ntwâro cânké mu bucâmânza. Yarângána n'ábândi batwăre nka wé akaba kăndi yári hăfi y'úmwămi.

Guhâbwa ingabo kwā Bárănyanka vyătānguye mu 1922. Ni guhêra ico gihe Barănyanka yagíze amanóta mēzá cāne y'úbutwăre. Umutégetsi w'Úbubirigi w'ĭco gihe akaba kăndi n'úmugēnzi pfampfé wa Bárănyanka yĭtwa Pierre Ryckmans yarámudûgije, wé na Mbānzabugabo akaba kăndi umutwăre wó mu muryāngo w'Ábatáre. Yári afíse igihágararo kimwé n'ábăndi Bêzi bakúru b'ĭco gihe, abahágaríkizi bā Mwāmbutsa Bāngiricênge.

Barănyanka yarábāye mū ntwâro yá cămi nó mu nâma nkúru y'ígihúgu yashînzwe mu myâka ya 1943 na 1952.

Ku rwêgo rwó hāsí, ni ukuvúga murí sêntáre y' i Ngozi, Barănyanka yarábāye umukúru w'ĭyo sêntáre arabá kăndi umukúru w'înâma y'ábashîngantăhe. Barănyanka yarábāye kăndi mu nzêgo zitāndúkānye z'ígihúgu.

Murí sêntáre y'i Ngozi:

Umucâmănza mukúru : Barănyanka

Ivyēgēra vyîwe vyā mbere : Gikoro (umutwăre w'íjeri-Butámenwá)

Makiza (icēgēra c'úmutwăre wó KŪNKÎKO-MUGĂMBA)

Ivyēgēra vyîwe vyā kábiri : Nyāmbúga (icēgēra c'úmutwăre wó KŪNKÎKO-MUGĂMBA)

Muségo umushîngantăhe wó mu karêré kā Bushīnga)

Umucâmănza băkūranwa : Nduwŭmwe (umutwăre wa Búyĕnzi)

Ivyēgēra vyîwé : Bishīnga (umushîngantăhe kwā Barănyanka)

Mvugije (umushîngantăhe mu karêré kwā Gikoro)

### 2.2.3. Abatwăre bătwāriye Barănyanka n'ìmbíbe zâhó bătwāra[15]

| Umutwăre | Sé na Nyina | Imisózi bătwāra |
|---|---|---|
| 1. Barănyanka (umutáre) | Sêruvâga na Baratyôza | Bigănda, Bihoróro, Karunyínya, Muníni, Muhwĕza, Muruta, Mwēgera, Mw'ī Yānza, Mwēgēra, Myūgariro, Nyamiyogoro, Rwâmiko |
| 2. Kaziri (umutáre) | Kabogo na Niyākîre | Bihĕmbe, Bitáre, Mirwa, Burimbi, Giserama, Iseke, Kabézi, Kibaya, Mu Kibūndé, Mu Masāngo, |
| 3. Ntagānzwá (umutáre) | Bikămba na Ntezimâna | Mu Bigéra, Mu Mihama, Mu Rureka, Mu Makōmbe, Mū Nyănge, Mu Kirǐmba, Nyamiseso |
| 4. Nyāmbúga (umutáre)) | Kadāngwá na Inabahiri | Cáratsi, Ijéne, Karamá, ku Kigeri, ku Rihûnga, ku Rukĕre, Kū Ngoma, Mānga, Mu Rusămbi, Mu Rutéga, Mw'ī Rānda, Mw'ī Rorero, Mw'ī Songorēró, Rutoróro, Ruvyīnga |
| 5. Nzigamáko (umutáre) | Gihebūra na Barimpǐnga | Mū Ndaro, Ku Kantíbēndá, Ku Muruta, I Kibuka, Mu Ryāmukōna, mu Rugwǐza, mu Kívuvu, I Muneneje |

[15] Liste des juges et assesseurs des tribunaux de chefferie et de territoire de Ngozi, décision de l'administrateur territorial. DENIEA, ...NGOZI, le 3 juillet, 1940, cité par NDAYIZIGA Charles, op cit, p.33

| | | |
|---|---|---|
| 6. Babīnga (umwênēngwe) | Mushěshe<br>Na Ntāwuhéza<br>Nábabíri | Mu Câguke, Kidûndŭri, Gashíru, Gisagára, ku Rwĭri-Ku Ruhĭnga, I Yānza, Nyakwāga-I Kibati |
| 7. Ntirwōnzá (umunyákaráma) | Sêgikŏnko<br>na<br>Nagasabaro | Mpinye, Rumbaga, Bitāmbwe, Kigúfi, Nyakabīngo, Kibŭmbu, Mutŭmba, Rugóri, Muyogoro |
| 8. Nkurikiye (umutáre) | Kadāngwá<br>na<br>Nábabiri | Murămbi, Mpôndōgoto, Nyabibuye, Gatíka-Rukecu, Kavúmu, Kîmagára-Ku Mutŭmba, Karāmbira, Nyabízinu |
| 9. Mpagaze (umuhŏndōgo) | Barānzira<br>na<br>Námusebéyi | Mihógo, Kibigiri, Muremēra, Rubári, Rwanyēge, Yănge |
| 10. Nzóbe (umuyogoma) | Rurakêsha<br>na<br>Barege | Mu Ryĭrengeye, ku Karemēra, mu Kíbihano, mu Kînzóbe, ku Kavúmu, ku Kābútōngéra, ku Karúriya, i Shikakankoni, mū Mpānda, mu Kîmpfîzi, i Rubānga, Mu Migezi, mu Muvúmu. |
| 11. Gahŭngere (umubānda) | Rwāmbura<br>na<br>Ndaníkure | Mugămba, ku Muríma, ku Kăcu, Rw'î Ntáre, Nkúka, Bihĕmbe, Kihoróro, Nyănza, Uruvumo, Kavúmu, Gikōmbe, ku Kiremēra, ku Muyănge, mw'ī Kīnga, I Rābiro |

| | | |
|---|---|---|
| 12. Basáböse (umunyákaráma) | Nīngĕnza na Mīharurwa | Nyabikarānka, Muyângwe, I Mpīngwa, Kacûmwá, Nyānkĭmbu, Ntárāmbo |
| 13. Barabónerana (umutáre) | Sênkwâvu na Nabōnge | Kavōga, ku Munanira, Kibákwe, Kirwa, Kāserége, Nyabikēnke, Kibīngo, i Hángaríri, Rwāgōngwe, Rugarama, Mucîro, Ruháro, Mugānzu |
| 14. Simbarúhije (umushōka) | Nyadiri na Ndayîmirije | Mu Kibândé, Mu Mikúba, Kiguzwe, Mū Mparara, Camízi, Gihwănya, Sêtakwé, ku Munyika, ku Gítwe, Rukóma, mu Kizíguro, ku Mukoni, Kinyovu, Kiyēnzi |
| 15. Nzibákwīye (umutâga) | Biseke na Mīharūgwa | I Remēra, ku Mubúga, Mpfûnda, Buziraguhīndwa |
| 16. Tuyāga (umutáre) | Sêdŏnzi na Ntāwuménya | Kishīnga, mu Kabuye, ku Rwĭri, Munyínya, Musōnge, Kiguri, Makâmba, Burārana, Butûhúrana |
| 17. Katáre (umutáre) | Kadāngwá na Nábabiri | Ku Gasara, Kū Ngóro, kū Ntêko, Kukivúmu,Bāndāgá, Nyarumānga, Mugānza, Burênza, Burêngo, Kivōga, Kibáru, Mvŭmvu |

| | | |
|---|---|---|
| 18. Gicémure (umunyákaráma) | Basaböse<br>na<br>Nabukobero | Cāmpázi, ku Mutána, Nkônge, Ruvúmu, Gishûbi |
| 19. Manege (umuyogoma) | Mako<br>na<br>Barege | Kigwândi, Mu Nînga, Rugoma, Gikŭngere, Munyínya |
| 20. Kipănde (umunyákaráma) | Barănyanka<br>na<br>Nzōcumugani | Nyarúrămbi, ku Ruvúmu, Matōngo, Mpēmba, Bwīsānge, Nyakibīngo |
| 21. Podi (umutáre) | Muségo<br>na<br>Nikwígize | Murămbi, ku Murwa, Bānga, mū Mpĭnga, mu Burŭra, mu Migereka, ku Mutaríre |
| 22. Bucúmi | Ribabaje<br>na<br>Nkūndwanabáke | Nya Musagára, Migera, Bikúrwa, Kirehe, Kâbatwá, mu Mugoyi, Rusămbi |
| 23. Ntiruhora | Sênkwâvu<br>na<br>Nabónge | Mu Bigera, mu Mihana, Murereke, Mu Makōmbe, mū Nyănge, mu Kirīmba, Nyamisebo. |

### 2.2.4. Kirima

Kăhise kavuga kó mu gihe Ntáre Rugămba[16] yatêra Imbo na Búshi, ni ukuvúga igicé gitó có mu Bumanuko bushīrá Uburêngero bw'íkiyága kívu ku ruhănde rw'íbúryo bw'ûrûzi Rusĭzi, avûye murí iyo ntāmbara, yōbá yáracîye inzira níni mw'īshāmba ryā kibira kugíra inká zānyazwé murí iyo ntāmbara zirōnké ahó zicá.

Bamwé bavuga kó yōbá yácīye yâbīra umugánwakazi yĭtwa Nyāmvúra, arí na hó băciye bávyāra umwâna yītwá Kirima. Ni có mbére cătumye Kirima agíra icîyumvīro có kūza gukómōza igihúgu cā Sé mu mwâka w'1896 gushika mu 1920. Abăndi bavuga kó Ntáre yōbá yárabâye mw'īzĭnga ry'î Jwí (ku kiyága Kívu) aríko Abashăhu băba murí ako karêré bēmeza kó abatwăre bâho bĭtwa kăndi Ntáre. Harashóbora kubámwó ukwĭtiranya.

Kurí Mwêzi Gisābo[17], Kirima yatânguriwe na Kibāngo. Kibāngo yári inárume wa Kirima, kăndi na wé nyéne yarárwānya umwămi Mwêzi Gisābo. Yarágaragaye cāne mu Bumanuko bw'ígihúgu, ahó mbére yári atînyitse cāne kukó băvuga kó akorêsha uburozi akagira n'îtêrabwôba kurí bā somambīké bā Mwêzi Gisābo. Bămutāzīra Makāza, ni ukuvúga igikôkó có mw'īshāmba. Ashítse Kūnkîko mu 1893, yári yîtwāje inkŏho zitarí nké yári yahâwe n'âbasirikare b'Ábanyámahănga bări ku kiyága Kívu imbere y'ûkó afatá inzira y'íkibira. Kăhise kamugíra uwáje gucîra inzira Kirima. Uwo na wé yári áje gufáta ubutégetsi kū ngúvu, ahó mbére Abadăgi bămufashe nk'úmwămi mū ntângo y'íkīnjana cā 20.

Nk'ûkó Kibāngo yáva i Bushi, kăhise kavuga kó yōbá yári Inárume wa Kirima. Mu gihé yári avûye Imbo, yahíse ahîga umugánwa Kijógori mu karêré kā Masābo hagáti ya Kayáve na Ruvúbu, ahó mbére yanámwōmoye. Yarábāndānije gushika mu Kabuye na Mwūmba ahó mbére yahíse ahûbaka ibirĭmba.

---

16 MWOROHA, Emile; *Histoire du Burundi, des origines à la fin du 19ès*, Paris, Hatier, 1987, p.148
17 MWOROHA, Emile; op.cit. p.236

Nangōngo yōba yápfīriye mu ntāmbara yamúhūza na wé. Abahǔngu bā Nangōngo hamwé na bā somambīké bǎrīhōye. Kibāngo yarîrukanywe gushika ku kibira, ashobora kǎndi kubá yázimānganiye murí ako karêré hagáti y'ûmwâka w'1898 n'1899. Uwo mwâka nyéne ni hó Kirima yashíka KŪNKÎKO-MUGǍMBA.

### 2.2.5. Kirima n'ábahǔngu bîwé

Raymond Rosier mu gitabo cîwé: "*Le Burundi, Pays de la vache et du tambour*"[18] avuga abahǔngu indwi bā Kirima aríko ntavúga amazína yâbo cānké ya bā Nyina.

NGENDANZI Fulgence mu gitabo cîwé yīse "*Nduwǔmwe et sa chefferie du Buyenzi*"[19] avuga abahǔngu batānu: Kajibwǎmi, Rwāsha, Ruhubira, Rangibǒyi na Mvunyiká. Kirima yōbá yári afīse abagóre amajana abiri n'ábahǔngu indwi. "*Ahó yahêreye i Munanira yarí aháfise umugóre hamwé n'úwǔndi Naburagwa. Ashítse ku kibógoye (Gahárawe), yahárōngoye uwǔndi Murímambúto. Mūnyuma yarárōngoye uwǔndi Ndamutso. Uwo ntánamwêmera kukó yári ashâje. Yēmera umuhǔngu wîwé Rwāsha. Kirima atâshe, yacîye afáta ingīngo yó kwīrukana Ndamutso aca mbére ategeka abanyêzǎmu bîwé kó bōmujǎna mu Bunyabūngo*"[20]. Irīndi tōhōza ryǎkozwe ryǎrērekanye abǎndi bagóre ba Kirima: "uwa mbere yári Inabisabo, uwǔndi Inaburugwa hāma Murímambúto na Inabitegeye. Bŏse na bŏse bǎri bané"[21]

Ku bijânye n'âbâna yavyâranye n'ǎbo bagóre bŏse, bararênga cāne indwi bǎvuzwe na Raymond Rozier.

Uru rutǒnde ruravyêrekana nêzá:

---

[18] Raymond Rosier, *Le Burundi, Pays de la vache et du tambour*, Cité par SIHINGEJEJE Vincent, op.cit. p.127.
[19] Raymond Rosier, Idem.
[20] Raymond Rosier, *Le Burundi, Pays de la vache et du tambour*, Cité par SIHINGEJEJE Vincent, op.cit. p.127.
[21] Raymond Rosier, Idem, p.128

❖ N'úmwămikazi Inabisabo, Kirima yavyâye abâna bakuríkira:

1. Mutágāmbá (umuhŭngu mukúru, yavûkiye i Bunyabūngo)
2. Kajibwămi (yavûkiye i Bunyabūngo)
3. Rwāsha (yavûkiye mu Burŭndi)
4. Ruhubira (yavûkiye KŪNKÎKO–MUGĂMBA)
5. Rāngibŏyi (yavûkiye i New Langenberg)
6. Ntezimâna yavûkiye KŪNKÎKO–MUGĂMBA)

❖ N'úmwămikazi Inabavugwa, Kirima yavyâye abâna bakuríkira:

1. Muguje (yavûkiye mu Burŭndi)
2. Ntōmóka (yavûkiye mu Burŭndi)
3. Kirúra (yavûkiye mu Burŭndi)

❖ N'úmwămikazi Murímambúto, Kirima yavyâye abâna bakuríkira:

1. Ntarīndágira (yavûkiye mu Burŭndi)
2. Namugurwa (yavûkiye mu Burŭndi)
3. Mujākazi (yavûkiye mu Burŭndi)

Aba babiri bā nyuma, Namugugwa na Mujākazi ni abakŏbwa.

❖ N'úmwămikazi Inábitêye: Uwu ntâ mwâna n'ŭmwé băvyāranye

❖ N'úmwămikazi Ndamutso: Uwu yamaranye imĭnsi miké cāne na Kirima. Băhávūye bâhukāna atâ mwâna bavyārányе.

Iyímikwa ry'úmuhŭngu wîwé Ntarīndágira ryătumye umuryāngo wa Kirima úba muníni cāne. Bamwé mu bahŭngu bîwé bări bâramáze kurōngora bánafise n'âbâna. Kajibwămi, yári yáramáze gupfá imbere ya Sé yasíze umuhŭngu yĭtwa Magabo.

Mu bagēnzi bā Kirima, uwáza ubwā mbere yári Mvunyiká umuhŭngu wa Kibāngo, uwo yarí azwí nk'úmuhŭngu wa Kirima kăndi yatwâra Bwōsha bwöse mu Mashâshi (mu Karêré kó KŪNKÎKO–MUGĂMBA). Uwo na wé yarôngoye

abakŏbwa bā Rwābágati: Ntāmbabázi na Kimōnge. Umuryāngo wa Rwābágati uva i Munanira.)

Ubwā kábiri hāza abāntu b'i Bunyabūngo nka Bukōmbe, Rusĭmbi na Máboko. Abo nábo nyéne bări báfise ibibănza bitarí biké mu nzêgo. Ubwā nyuma hāza abó basāngíye umuryāngo w'i bugóre. Abo na bó nyéne băje kwĭyunga n'úmuryāngo mukúru wa Kirima.

### 2.2.6. Intwâro ya Kirima

Abări hējuru murí abo batwăre bări cānecâné abāntu bó mu muryāngo wîwe. Muri iyo ntūmbēro yaráheza akîzēra abări bámuhagararíye mu turêré dutāndúkānye.

*"Mvunyinká umuhŭngu wa Makāza na wé nyéne yarátwāra. Rusĭmbi yári yázananye na wé bávūye i Bunyabūngo yári afíse na wé nyéne akarêré yatwâra. Abăndi na bó bări abāntu basānzwé yári yárahâye ubutwăre."*[22]

Uwo mutânzi w'ínkúru arabāndānya kwêrekana ingéne mu ntângo abahŭngu bîwé KAJIBWĂMI na RWĀSHA bări abatwăre b'ígihágararo kū ntwâro ya Sé. Murí iyo ntūmbēro, bívānye cānecâné n'ínyúngu băbibonamwó bări báfise imisózi myĭnshi cānecâné iruhănde y'íkirĭmba.

*"Inó iwăcu, aka karêré kŏse, kubêra arí kaníni, kări kâgenewe KAJIBWĂMI. Ku bijânye na RWĀSHA, yatwâra i Kívumu, Gihoróro na Jéne kurí Kanyáru"*[23].

Abāntu yabônye ahó nyéne bătwāra bătwārira wé, bătwāra umutŭmba umwé, ibiri, ntiyashóbora kurênga. Amatōhōza y'i Rāmvya murí komĭne Matōngo , ayó mu Kayānza hamwé na y' i Bukínanyána na yó nyéne aravyêmeza.

---

[22] SIHINGEJEJE Vincent, op.cit. p.77
[23] SIHINGEJEJE Vincent, Idem.

| Murí zǒne ya Ndaro (komine Bukínanyána) | |
|---|---|
| Amazína | Imitǔmba bǎtwāra |
| Bukāngara<br>Gisóre<br>Ndayahūndwa<br>Mwîkomo | Nyāmyeho<br>Kibati<br>Kibaya<br>akabōndo |
| **Murí zǒne ya rwēgura** | |
| Amazína | Imitǔmba bǎtwāra |
| Mpūshi<br>Budobori (umugóre)<br>Ntāwuménya | Kibákwe<br>Kagónogóno<br>Buragáne (Rwāgōngwé) |
| (Uwo mugóre yári umupfūmu ku kirimba kwa KIRIMA) | |
| **Murí zǒne ya Kayānza** | |
| Amazína | Imitǔmba bǎtwāra |
| Nyamugubira<br>Mirāngo<br>Sugǔmwe | Rābiro na Kavúmu<br>Gikīngo<br>Magǎmba |
| **Murí zǒne ya Matōngo** | |
| Amazína | Imitǔmba bǎtwāra |

| | |
|---|---|
| Rumagaza | Budāga |
| Sêpfő | Nêmba |

Ivyó bĭsūnga kugíra umūntu acāgúrwe ngo abé umukúru w'úmutŭmba ni ibi : Gutônda kĕnshi kabahó ku kirĭmba n'úkwĭmenyēkanīsha cānecâné mu kurāngūra ibikórwa bibonéka. Na nôné, abāntu bafisé ingabirano nk'âbîyeretsi, abashîngantâhe bitumwakó cānké abāntu bēméwe mu kibâno, bărashóbora kubá abatwăre atâkĭndi kīntu na kímwe gisabwé.

# IKIGABÁNE CĀ GÁTATU:

# AMAZÍNA Y'ÍMIHÎNGO YÓ MŪ NTÂRÁ YÓ KŪNKÎKO–MUGǍMBA

## 3.1. Intângamárārá

Imbere yó gushíra mu mirwi amazína y'ímihîngo yó mu ntâra yó KŪNKÎKO–MUGǍMBA, tubānje kumenyēsha ko amazína y'ímihîngo arí aya kĕra cāne ahó mbére atākáza insígūro yâyo ukwó igihe kigēndá kirarêngāna. Ayo mazína twōyashira murí kǎhise katāzwí. Abatânzi b'ámazína y'ábāntu barâzwi aríko si kó bimezé ku mazína y'ímihîngo. Twōvuga rēró ko umutânzi nyāwé w'ámazína y'ímihîngo arí ikibâno tubāyémwo. Twōvuga kǎndi kó izína ritarí mu bigíze ururími gusa, rirí kǎndi mu bigíze ikibâno. Insígūro y'ǐri zína cânké rírǐya ivāna n'ûkó ikibâno cīyúmvīra murí rusǎngi.

Imbere yó kurāngiza inó ntângamárārá, twōvuga kǎndi kó amazína y'ímihîngo afíse ibikórwa bitāndúkanye: Hari ayadôndôra ikīntu n'íkǐndi, ayavúga ingéne ibīntu vyītwá, ayadôndôra ibīntu n'íbǐndi,...

## 3.2. Ishírwa mu mirwi ry'ámazína y'ímihîngo

Imbere y'ûkó dushirá mu mirwi amazína y'ímihîngo, tubānje kumenyēsha kó iki gikórwa kitērékeye amazína y'ímihîngo yöse arí mu ntârá yó KŪNKÎKO–MUGǍMBA. Iki gikórwa cērekeye ahǔbwo amazína y'ímihîngo afíse insígūro y'ákǎhise n'ímicó n'ímigēnzo gusa.

### 3.2.1. Amazína y'ímihîngo ajānyé n'âhó abāntu cânké ibīntu birāngwá

Harihó amazína y'ímihîngo yērékana ahó abāntu cânké ibīntu birāngwá. Ayo mazína ararānga kǎndi akadóma kó urutoke. Hari ayarânga ahó abǎmi bǎfubwe, ayěrekana ahó ibitabo vyǎhora, ayavúga ahǎhora ingomero, ayavúga ingéne ahāntu hǎri hátēye, ayěrekana uburâro bw'înka n'ábāntu hamwé n'ívyǎkorerwa mu karêré kānāká. Dufise murí uyu murwi amazína akuríkira:

- Ngānzo (kū): Ingānzo ni ahāntu hǎfubwe umwǎmi.

NSEKERA Severin abivuga murí aya majāmbo:

*"Aha hāntu hītwa ku ngānzo kukó harí uruháfu rw'úmwǎmi Mwêzi Gisābo. Ni wé mbére yahîcāgurira akíri muzima"*[24]

- Kirǎmbi (ku): Ikirǎmbi ni ikirago có kuryâma kó.

  NSEKERA Sevirin arōngera akabívuga murí aya majāmbo:

  *"Uyu mutǔmba ni ikirǎmbi cā Mwêzi. Ni ku Kirǎmbi kukó harāmbitse hakaba kǎndi hárāmbitse umwǎmi w'Úburǔndi Mwêzi Gisābo"*[25]

- Musaraba (ku): Umusaraba ní ikimenyētso cērékana ahó bǎsengera cânké ahǎfubwe umūntu. Ni ibíti bibiri kimwé bǎgishīnga hāsí ikǐndi bakagíkīkamika hagáti ya kímwe bāshīngá.

  BUYÓYA Lucien abivuga murí aya majāmbo:

  *"Aha hāntu, ahó ibitabo bihaviriye, bǎcīye báhashīnga umusaraba, abāntu bakāma bâza kuhasēngera, baraheza bahīta rēró ku Musaraba"* [26]. Aha hāntu hǎrahînduye izína kěra hǐtwa ku Mutsīnda.

- Rugomero (ku): Urugomero ni ahāntu hagoméye, ni ukuvúga ahāntu bǎtāngiriye amâzi ngo areké kurêngāna.

BUYÓYA Lucien abivuga murí aya majāmbo:

*« Aha hāntu hǎri urugomero rw'înká z'ábagánwa, ni hó zǎshōkera. Bǎciye rēró báhīta ku Rugomero »*[27]

- Mbúramâzi (mu): Imbúramâzi ni ahāntu hǎbuze amâzi.

NDARURUHÍRE Innocent abivuga murí aya majāmbo :

---

[24] NSEKERA Sevirin, imyâka 88 , Remera itárikí 19/9/2016
[25] Idem
[26] BUYÓYA Lucien, imyâka63,Busāmbo, itárikí 20/9/2016
[27] BUYÓYA Lucien, imyâka63,Busāmbo, itárikí 20/9/2016

*« Aha hāntu hăhora isôko rimezé nêzá barahéza basānga ntā mbizi y'âmâzi iharí. Eka mbére hărihó n'úrukângaká mugábo rutagirá amâzi, barahéza rēró bahīta mū Mbúramâzi. »*[28]

➤ Gatabo (mu) : Agatabo ní igitabo gitôya. Ni ahāntu kĕra băsēngera.

NDARURUHÍRE Innocent abivuga muri aya majāmbo :

*« Aha hāntu hītwa mu Gatabo kukó bări bârahashînze igitabo. Ibitabo băbikorēsha rērό mu gusēnga Kirānga, mu gupfúmura, mu kubāndwa, nó mu gutérekēra. »*[29]

➤ Ibuye ryā Múnago (Kwa) : Munágo ni izína ry'umūntu.

NYARUNWA Antoine abivuga murí aya majāmbo :

*« Aha hāntu hăhoze hába umūntu yĭtwa Munágo. Kurí iri buye ni hó abatwăre băruhūkira, n'íntŭngwa zărahabâgirwa. Bărahatînya kukó ni hó hăbera imigēnzo myĭnshi nkó gutérekēra nó kubāndwa. »*[30],

➤ Nyānkūngu (kū): I Nyānkūngu ní umusózi w'ínkūngu.

NYĀNDWI Soter abivuga murí aya majāmbo :

*« Aha hāntu kĕra bări báhatūngiye inká z'ínkūngu. Hări kăndi itōngo ry'ábagánwa, ni bó kăndi bări báhatūngiye inká z'ínkūngu. Băciye rērό báhīta i Nyānkūngu. »*[31].

Aha hāntu hărahînduye izína. Ubu hītwa i Muruta kukó ni wo musózi wa rusāsuma. Hăhindutse ku mugánwa Barănyanka ahó batāngúriye gutôra bā Buruguměseri.

---

[28] NTARUHIRE Innocent, imyâka 63, Busāmbo, itárikí 20/9/2016

[29] Idem

[30] NTARUNWA Antoine,imyâka 88, Muruta, itárikí 21/9/2016

[31] NYANDI Soter, imyâka 80 , Muruta,itárikí 21/9/2016

- Ikâzé (kwa): Ikâzé ni umusēzero. Ni ahāntu harí ikâzé.

MINÂNI Jerôme abivuga murí aya majāmbo :

*« Umutwăre yatwâra murí iyi komĭne ni hó yătirira abashîngantăhe, baraheza barahûbaka inzu ntôya y'ímpetano haraheza haba ikibănza c'îkóraniro. Murí ico kibănza hăma hári umusēzero, baca bahita kw'ī Kâzé ».*[32]

Aha hāntu hărahînduye izína. Kĕra hītwa i Kârunyínya.

- Igíti (mu): Ni ahāntu harí igíti c'ígitabo.

NIYIBĬZI Diomède abivuga murí aya majāmbo :

*« Ico gíti nticări igíti c'úmukáratŭsi, cări ikivumúvumu c'úmumânda. Băcita igitabo. Igitabo ryări isēngero, bōse ni hó băza kubāndirwa. Murí ico gitabo, uwuháshitse wēse yahíta ahákomera amashí agahéza akarêngāna. »*[33]

- Rāmvya (i): Ni irāmvya ry'úmwămi. Irāmvya ni ahāntu harāmbíje.

BARUTWANAYÓ Michel abivuga murí aya majāmbo :

*« Aha hāntu hītwa i Rāmvya kukó arí ho umwămi yarâmbije. Iri rēró ni i Rāmvya rirāmbíje umwămi »*[34]

- Irâro (kuwa) : Ni umusózi w'îrâro. Irâro ni ahāntu harārá inká.

NTĀMAVÛKIRO Antoine abivuga murí aya majāmbo :

*« Aha hāntu kĕra inká zōse zó kurí aka gasózi ni hó zărāra. Băciye báhīta Uwîrâro w'înká n'ábāntu »*[35]

---

[32] MINÂNI Jerôme, imyâka 68 , Karunyínya itárikí 23/9/2016
[33] NIYIBĬZI Diomède, imyâka 77, Yānza, itárikí 23/9/2016
[34] BARUTWANAYÓ Michel, imyâka 81 , Mutána itárikí 25/9/2016

- Kivûzo (i) : Ni ikivûzo c'înká. Ni ahāntu inká z' íkivûzo zirīshá.

NĪZIGIYIMÂNA Joseph abivuga murí aya majāmbo:

*« Aka gasózi ni uruvûzo rw'înká. Aha ni hó inká z'ábagánwa zărisha. Izo nká rēró zări inká z'úruvûzo kăndi zărisha kurí aka gasózi nyéne, barahéza rēró bīhita i Kivûzo. »*[36]

Mu kurāngiza uyu mucé w'ámazína dúfatiye kurí iki gikórwa mū ntūmbēro yo kurānga abāntu n'íbīntu, abatănzi b'ámazína bó mū ntârá yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA bĭsūnze amajāmbo nk'íngānzo, ikirămbi, umusaraba, urugomero, amâzi, igitabo, igikómeye, irâro, irāmvya, ikivûzo… ahó mbére ayo majāmbo yöse ajānyé ná kăhise n'ímicó n'ímigēnzo vy'Ábarŭndi. Ayó majāmbo arashóbora kudúfasha kăndi kumenya nó kwībuka imicó n'ímigēnzo vy'Ábarŭndi vyămyehó kuva kĕra gushika ubu bíciye mu kurānga ahó abāntu cânké ibīntu birāngwá.

### 3.2.2. Amazína y'ímihîngo afatíye ku cûbahiro ahāntu hăhāmbwa

Murí iki kigabáne, harihó amazína y'ímihîngo afatíye ku cûbahiro. Aho twōvuga nk'ámazína y'ímihîngo afatíye ku gihágararo imitŭmba imwé imwé yári ifíse ugéreranije n'íyĭndi mitŭmba bívānye n'ámabānga abatwăre băhaba bări báfise murí ico gihe. Twōvuga kăndi nk'ímitŭmba yahâbwa agacîro gusūmba iyĭndi, ahó mbére imwé imwé murí yo băvuga kó ibogóra inká n'íbibōndo, hakaba n'īyo băvuga kó abāntu bâho băsa n'ínyănge bívānye n'úbugwânêzá bwâbo mu buzima bw'ímĭsi yöse. Dufise muri uyu murwi amazína akurí kira:

- Remēra (i): Ni ibānga riremêra.

NSABÍRUBÚSA Agricole abivuga murí aya majāmbo:

---

[35] NTĀMAVÛKIRO Antoine, imyâka 72, Buziraguhindwa, itárikí 19/9/2016
[36] NĪZIGIYIMÂNA Joseph, imyâka 70, Mutána, itárikí 25/9/2016

*« Aha hāntu hăhora hába abagánwa. Ahó rēró băhatōreye ngo hafubwé Mwêzi Gisābo hăciye hītwa i Remēra ryā kínyonga. Aha rēró hararemēra kukó hări abagánwa batări buyegáyezwe. »*[37]

- Muruta (i) : Ni umusózi urutá iyĭndi.

NYARUNWA Antoine abivuga murí aya majāmbo :

*« Aha hāntu ni hó hătānguye kwākīra iyĭndi mitŭmba ubwa mbere, haraheza haruta rēró iyĭndi mitŭmba kukó hătānguye kwākīra umwămikazi ; Muruta rēró ni umusózi uruta iyĭndi. »*[38]

Aha hāntu hărahînduye izína. Uwo mutânzi w'ínkuru abāndānya avúga ko *« ahó rērō bahăzaniye inká z'ínkūngu hăcīye hîtwa i Nyānkūngu. »*[39]

- Kibógoye (ku): Ikibógoye ni ikīntu kibogóra.

NYĀNDWI Paul abivuga murí aya majāmbo :

*« Aha hāntu ni i Kibógoye căbogoye inká. Ni ho hări ubwătsi buryōshé bw'úmuyŭnge, mu gukáma bagakama mĕnshi, bagahéza bakavuga kó arí ku Kibógoye căbogoye inká »* [40]

- Nyănge (mu) : Inyănge ni ubwôko bw'ínyoni nzīzā kăndi yērá de.

  BIGĀRA Stanilslas abivuga murí aya majāmbo :

  *« Abāntu băba ngăha bări abāntu bīgênza nêzá. Ni kó kuhîta mū Nyănge. Bări abāntu babānā nêzá, badatōngána, badacănámwo, hărihó kăndi udusīga twăhora dútāmbatāmba imbere y'înká zírikó zirarîsha, baraheza rēró bahīta ngo ni mu Nyănge. »*[41]

---

[37] NSABIMANA, Agricole ,63 ans, Remera le 19/9/2016

[38] NYARUNWA Antoine, imyâka 88, Muruta, itárikí 21/9/2016.

[39] NYARUNWA Antoine, Idem

[40] NYARUNWA Antoine, Ibidem

[41] BIGĀRA Stanislas, imyâka 90, Nyamiyogoro, itárikí 22/9/2016

Mu kurāngiza uyu mucé w'ámazína, twōvuga kó uturêré twöse tutări twûbashwe có kimwé. Hări hó utwó bŭbaha ku rugero rwó hējuru ; ivyo rēró vyăvana n'ákamaro aka karêré cânké kárĭya kabafitíye, amabānga y'ábatwăre băhaba n'íbĭndi. Ntāwŏvuga rēró kó hăriho uturêré atā kamaro dufisé aríko rēró ntitūngána. Impămvu ni ukó abatânzi b'ámazína bĕmera kó abāntu batāngána, ahó mbére umwămi n'ábagánwa băruta abăndi böse. Ni có cătuma n'âhó băba hăruta ahăndi höse.

### 3.2.3. Amazína y'ímihîngo afatíye ku kamaro ahāntu hahābwá

Hari amazína y'ímihîngo afatiye ku kamaro bívānye n'ûkó iyo mihîngo yahâbwa akamaro kaníni n'ábăhaba. Ayo mazína y'ímihîngo yērekeye inká, ibibōndo n'úburagiriro bwâzo. Ayo mazína afatiye kăndi ku gahêmbo abakózi bărōnka igihe có guhêmbwa kígeze. Hari ahó băvuga kó ayo mazína y'ímihîngo agarúra inká n'íbibōndo, ahăndi na hó bakavuga kó ahēmbá abakóze. Murí uwo murwi hari amazína y'ímihîngo akuríkira :

- Rugarura (mu) : urugarura ni urusózi rugarúra.

NDARURUHÍRE Innocent abivuga murí aya majāmbo :

*« Inká zo kwā Barănyanka zărāza kurísha mu Cí igishákasháka, zikahahūrira n'îzó umutwăre wîwe NZIBÁKWĪYE hamwé n'îzó imitŭmba yöse ihanámiye aha mu rugarura. Ni hó băbona kó inká zöse zihahŭrira, abŭngere bakāza báziyoboye, bakaryá, inká na zó zikarîsha, zikanywá amâzi, baraheza rēró bahīta mu Rugarura rugarúra inká n'íbibōndo. »*[42]

- Muhêmba (ku) : Umuhêmba ni umusózi uhēmbá.

  NZŌBONÍMPA Libère abivuga murí aya majāmbo :

  *« Aha hāntu hări urugomero. Inká z'ábatwăre băzīzana gushōka murí urwo rugomero máze rēró abăkorera urwo rugomero bagahēmberwa aha*

[42] NDARURUHÍRE, Innocent ; imyâka 63 , imyâka , , itárikí /9/2016.

*nyéne kurí urwo rugomero. Ni kó rēró kuhîta ngo ni ku Muhêmba, umuhêmba uhēmbá abakózi.* »[43]

Mu kurāngiza uyu mucé w'ímazína, twōvuga kó uturêré twöse tutări dúfitiye abahába akamaro kāngána. Harihó uturêré twări hējuru y'útŭndi. Ivyo bisigūrwa n'ûkó bĕmera kó uturêré tumwé tumwé duhēmbá, eka mbére tukagarura inká n'íbibōndo. Bisigūrwa kăndi n'ûkó bĕmera kó uturêré arí isôko ry'îvyîzá ahó inká zărīsha, zikanywá amâzi abŭngere na bó bakaryá.

### 3.2.4. Amazína y'ímihîngo afatíye ku buníni bw'áhāntu

Hari amazína y'ímihîngo afatíye ku buníni bw' áhāntu. Ubwo buníni bwerekeye ukó ahāntu hăngana ufátiye ku bwăguke n'úburēbure. Ayo mazína rēró yērekeye uburagiriro bw'înká. Ukó inká zăba nyĭnshi ni kó n'âhó ziragírwa hătegerezwa kubá haníni. Ni murí iyo ntūmbēro amazína arí murí uyu murwi arí amazína afíse insígūro y'áhāntu haníni. Ku bijânye n'îki gikórwa, murí uyu murwi dufise izína rimwé. Na ryó ni iri :

- Gitōngo (ku) : Igitōngo ni itōngo riníni cāne.

BAGAYUWĬTŪNZE Damien abivuga murí aya majāmbo :

« *Aha hāntu cări igitōngo c'înká. Hări hâgutse cāne, ni hó băragira inká. Hări haníni cāne, ntā bāntu băhaba, hăragáragara.* »[44]

Mu kurāngiza uyu mucé w'ámazína, twōvuga kó amazína y'ímihîngo yó mu ntâra yó KŪNKÎKO –MUGĂMBA atāngána dúfatiye ku buníni. Hari imihîngo mitômitó itāgútse hakaba kăndi n'íyĭndi miníni kăndi yāgútse. Twōrāngiza túvuga kó iyo mihîngo ităgenewe ibikórwa bimwé kukó hari imihîngo y'úburagiro n'íyĭndi yagénewe ibĭndi bikórwa. Twōvuga kăndi kó amatōngo atări bwâgé. Ivyo bibonekera ku mihîngo y'úburagiro gusa, ahó atākīntu na kímwe căhakorerwa.

[43] NZŌBONÍMPA Libère, imyâka 68, Cāmpázi, itárikí 2/8/2016.
[44] BAGAYUWITUNZE Damien, imyâka 71 , campazi, itárikí 21/9/2016

### 3.2.5. Amazína y'ímihîngo afatíye ku mucó wó kwĭrārīra

Hari amazína y'ímihîngo afatíye ku mucó wó kwĭrārīra. Mu mazína yó murí uwo murwi, harimwó kăndi ivyîyumvīro vyó kwănka kuvôgērwa. Harimwó kăndi ivyîyumvīro vyó kwĭrārīra nó kurârīra amatûngo. Murí uyu murwi w'ámazína y'ímihîngo, dufise na hó nyéne izína rímwé. Na ryó ni iri :

- Myūgariro (mu) : Imyūgaríro ni ahāntu hūgáriye.

NYĀNDWI Soter abivuga murí aya majāmbo :

*« Abāntu băha mu Myūgariro bări bîyubashe, ntā mūntu n'ŭmwe yáza kubávōgēra. Băvuga kó hūgáriye, atā mūntu n'ŭmwe apfá kwĭnjira nk'ûkó ashātsé. Băcīye báhīta ngo ni mu myūgariro ya Ntâbwôba. »*[45]

Mu gusôzēra ku mazína yó murí uyu murwi, twōvuga kó Abarŭndi bămye báfise umucó n'úmugēnzo wó kwĭrārīra ahó mbére bătinya gutâkaza ivyó batūnze n'íbĭndi. Ni murí iyo ntūmbēro dusāngámwó icîyumvīro có kwūgara kukó inzu cânké ahăndi hāntu hatugáye hatabá hárāririye. Murí rusăngi, imyūgariro ni iy'înká. Aho băba báfise intūmbēro yó kuzírārīra ngo ntibázībe. Twōvuga rēró kó iyo nsígūro yatănzwe ahó hējuru idatāndúkānye na gáto n'ĭyo dutānzé ku bijânye n'înká.

### 3.2.6. Amazína y'ímihîngo afatíye ku mucó kamére w'áhāntu kānāká

Harihó amazína y'ímihîngo afatiye ku mucó kāmére w'áhāntu kānāká. Ayo mazína arānga umucó w'ímĭnsi yöse utīgéra uhára na rímwe. Mu yăndi majāmbo, ayo mazína arānga igikórwa c'ímĭnsi yöse ahó ico gikórwa gifatwá nk'úmucó w'ábahába. Twōvuga rēró kó mu ntârá yó KŪNKÎKO –MUGĂMBA hari amazína y'úmucó kāmére arāngá ibikórwa vy'Ábarŭndi, cānecâné ivyó kwĭbeshahó nk'íbikórwa n'íminwe n'íbĭndi... Muri uwo murwi dufise izína ry'úmuhîngo umwé rikuríkira :

[45] NYĀNDWI Soter, imyâka 80 , Muruta, itárikí 21/9/2016.

- Bukānya (mu) : ubukānya ni ahāntu bakānyá, ni ukuvúga ahāntu baganá inzóga y'íbitōke.

NDABÛMVIYE Déogratias abivuga murí aya mjāmbo :

« *Ku mutwăre Gahŭngere yatwâra murí káno karêré, hări akârwa karyōshé, ni kó rēró kuhîta ngo ni mu bukānya.* »[46].

Mu kurāngiza uwu mucé w'ámazína, twōvuga kó Abarŭndi bămye bárangwa n'íbikórwa bărāngūra imĭnsi yöse. Ni ivyo bikórwa bibabĕshejého arí na có gitúma usănga amazína y'ímihîngo amwé amwé yītíranwa n'ĭvyo bikórwa. Ivyo bibonekera murí ako karorēró twātānzé ahó hējuru. Mu yăndi majāmbo, twōvuga kó Abarŭndi bări báfise ibikórwa băha agacîro gusūmba ibĭndi bívanye n'ûkó ivyo bikórwa bidafíse akamaro kangana. Ni vyó kăndi vyătuma ivyo bikórwa bíhabwa agacîro gusūmba ibĭndi vyītíranwa n'ámazína y'ímihîngo amwé amwé.

### 3.2.7. Amazína y'ímihîngo afatíye ku búbi bw'áhāntu cānké bw'ábāntu bahabá

Harihó amazína y'ábāntu afatíye ku búbi bw'áhāntu cānké bw'ábāntu bahabá. Ayo mazína arānga umucó múbi w'ábāntu bó mu gihúgu kīnākā. Mu yăndi majāmbo, ayo mazína arānga inyîfato mbí y'ábāntu babá mu karêré kānākā. Ayo mazína ajānye n'ábatwăre, abagánwa cānké abămi bănaniwe nó kubá mu karêré kānākā bívānye n'úmucó mubí w'ábahába nk'úbusúma n'íbĭndi. Murí uwo murwi, dufise amazína y'ímihîngo akuríkira :

- Munanira (i): Umunanira ni umsózi unaníra.

[46] NDABÛMVIYE Déogratias, imyâka 68, Bukanya, itáriki 23/9/2016

NZĒYIMÂNA Marte abivuga murí aya majāmbo :

*« Aha hāntu ni i Munanira hǎnaniye umwǎmi. Umwǎmi yári arwâye, bágeze ng'ǎha birânka kó barēngâna. Umwǎmi yahávūye asândāba, baraheza bahīta ngo ni i Munanira hǎnaniye umwǎmi. »*[47]

- Mikúba (mu) : Imikubá ni imisózi ikubá.

BARAKÂMFÍTIYE Nicodème abivuga murí aya majāmbo :

*« Aha hāntu hǎje kubá umutwǎre arahagōrerwa, arahámerererwa nâbí, abâna bîwé barapfá, ni hó mu kuhava yavúze ngo aha hāntu ni mu Mikúba kukó hǎrankúvye, haraheza rēró haguma hîtwa uko. »*[48]

Mu kurāngiza uwu mucé w'ámazína, twōvuga kó ibihe bitāmá arí vyiza imǐnsi yöse ; ni na có gitúma imihîngo imwê imwé ifisé amazína yó kunanira, gukúba n'íbǐndi. Dufatiye kurí ayo mazína, birabóneka nêzá kó amakúba n'ámananíza vyǎmye hó kuva kěra, ahó mberé nó mu gihe c'Ábǎmi vyǎri bíriho. Mu yǎndi majāmbo, twōvuga kó Abarǔndi bǎri báfise umucó n'úmugēnzo wó kwǐmuka mu karêré aka cânké káriya bívānye n'ûkó imibâno imunaníye, aháburira abâna, aháboneye amakúba atāndúkānye… .

### 3. 2.8. Amazína y'ímihîngo afatíye kū ngáruká z'íntāmbara

Harihó amazína y'ímihîngo afatíye kū ngáruká mbí cāne câne mbí z'íntāmbara. Ayo mazína arānga ibīntu bibí bibí vyībónekeza inyuma y'íntāmbara nk'īhóna ry'ábāntu n'íbǐndi. Mu yǎndi majāmbo, ayo mazína aradôndōra nêzá akarêré kǎbēreyemwó intāmbara ahó ako karêré gahīndúka, abāntu n'íbīntu bigahóna. Twōvuga rēró kó intāmbara atarí iy'ǔbu kukó n'úturêré twǎravûtse bívānye n'íntāmbara zǎbāye murí kǎhise. Murí uwu murwi dufise izína ry'úmuhîngo rikuríkira :

---

[47] NZĒYIMÂNA Marte, imyâka 63, Munanira, itárikí 23/9/2016
[48] BARAKÂMFÍTIYE Nicodème, imyâka 78, Mikúba, itárikí 24/9/2016

- Murăngara (mu): umurăngara ni igisígarĭra c'úmūntu yapfûye nk'ámagúfa n'íbĭndi. NZŌBONĪMPA Appolinnaire abisigūra murí aya majāmbo :

« *Kĕra bárikó bararwāna ingabo zikarwāna, bamwé bagahagarara hăkuno abăndi hăkurya, bakîcana, báhejeje bagatāha. Ibirăngara vy'ăbo bīcánye vyăguma ngăho ibikôkó bikāza bikîrīra. Ni kó rēró kuhîta mu Murăngara.* »

Mu kurāngiza uwu mucé w'ámazína, twōvuga kó umucó n'úmugēnzo w'íntāmbara watânguye kuva kĕra ahó mberé n'ámazína yahávūye avûka kubêra uwo mucó. Ivyo rēró bitwībutsa umwămi w'Úburŭndi NTÁRE RUGĂMBA ahó kăhise kavugá kó iryo tâzīrano ryā « Rúgămba » ryōbá ryăvūye kū ntāmbara yagávye nk'í Rwānda, mu Burŭndi nk'Ímbo, n'áhăndi mu gihe yaríko arâgura igihúgu. Mu yăndi majāmbo, twōvuga kó Abarŭndi bămye báfise umucó n'úmugēnzo wó gushikīra ivyó bipfûza bícīye mū ntāmbara ahó mbére vyănībonekeje murí kăhise kā hâfi.

### 3.2.9. Amazína y'ímihîngo afatíye ku mucó wó kuzīnduka

Harihó amazína y'ímihîngo afatíye ku mucó wó kuzīnduka. Ayo mazína afatiye ku gitôndo cā kare, ku mutwēnzi hárya butarâcá. Ni na yó mpămvu ayo mazína y'ímihîngo yīshímikiza amajāmbo nk'ígitôndo, umutwēnzi, urubūngubūngu hamwé n'áyăndi majāmbo bifitániye isâno. Twōvuga rēró kó kuzīnduka arí umucó wa kêra cāne ahó mbére n'ŭbu ukiharí. Murí uyu murwi dufise izína ry'úmuhîngo umwé.

- Rubūngu (ku): Urubūngu ni umutwēnzi, hárya butarâcá.
  NTĀWUHÉZA abivuga murí aya majāmbo:

*« ku mutwăre NZIBÁKWĪYE, abāntu bó murí aka karêré barăzînduka hárya bútarâcá. Bărazînduka cāne, hárya butarâcá bagatônda, baraheza rēró bahīta ngo ni ku Rubūngu. »*[49]

Aha hāntu hărahînduye izína. Kĕra hĭtwa ku Ruvubú.

Mu kurāngiza uwu mucé w'ámazína, twōvuga kó umucó n'úmugēnzo w'úkuzīnduka wămye hó kuva kĕra. Si ubu gusa bazīndúka na kĕra bărazînduka bívānye n'ûmwîtwārariko yarārānye w'ígikórwa rūnaka. Ivyo vyērekana nêzá kó Abarŭndi bămye bákūnda akazi ahó mberé bazīndúka bívānye n'îtégeko bāhāwe cānké kó bavyĭshākiye bó nyéne. Mu yăndi majāmbo twōvuga kó impămvu zó kuzīnduka zări nyĭnshi bívānye n'ûkó ibikórwa vy'í Butwăre vyăsaba kó umūntu wēse azīndúka. Aho rēró dushóbora kwĭbaza nîbá umurŭndi yabíkora nk'ŭko nyéne mu gihe yába aríko arakóra ivyîwé.

### 3.2.10. Amazína y'ímihîngo afatíye ku miryāngo yagérereye mu karêré runāká

Harihó amazína y'ímihîngo afatíye ku miryāngo yagérereye mu karêré kānāká. Ayo mazína arānga imiryāngo nk'Ábashûbi n'Ábagănda. Ayo mazína ararānga kăndi uturêré iyo miryāngo yáje ívamwó. Aho twōvuga nk'Abashûbi băvuye i Bushûbi hamwé n'Ábagănda băvuye i Bugănda. Murí uwo mucé w'ámazína, dufise amazína y'ímihîngo akuríkira:

- bagănda (mu): Abagănda ni umuryāngo w'ábāntu băje báva i Bugănda.

NYARUNWA Antoine abivuga murí aya majāmbo:

*« Aha hāntu hītwa mu bagănda kukó bă sĕkuru bâbo băje báva i Bugănda, eka mbére n'úmuryāngo wâbo ni abagănda b'í Bugănda. »*[50]

- Bashûbi (mu): Abashûbi ni umuryāngo w'ábāntu b'í Bushûbi.

[49] NZŌBONÍMPA Appolinaire, imyâka 60 , Nkonge, itárikí 24/9/2016
[50] NYĀNDWI Antoine, imyâka 88 ,Muruta , itárikí 21 /9/2016.

NGĒNDABÂNKA Joseph abivuga murí aya majāmbo:

*« Aha hāntu ni mu Bashûbi kukó hari Abashûbi bĕnshi, ni bo bāmbere bătanguye gushika ngăha »*[51]

Mu gusôzēra uyu mucé w'ámazína, twōvuga kó imiryāngo itarí miké yó mu Burŭndi yáje íva mu turêré dutāndúkānye. Hari iyáje íva murí Tanzaniya, mu Rwānda n'áhăndi. Twōvuga kăndi kó iyo miryāngo arí yó ibá murí utwo turêré cânké kó arí yo yaháshitse ubwā mbére. Murí iyo ntūmbēro, umūntu yōshóbora kwĭtiranya abāntu böse bavá murí utwo turêré n'ŭwo muryāngo wô nyéne.

### 3.3. Ibibănza bikwīyé kwībukwa nó gutêzwa imbere

Hari hó ibibănza bikwīyé kwībukwa nó gutêza imbére mu ntârá yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA. Ahó twōvuga nk'íbigabiro vy'Ábămi, ahăhora ibitabo, ahó băbāndirwa, băterekērera. Ivyo bibănza vyādōndáguwe birakwîye kwībukwa eka mbére bikanátēzwa imbere kukó bifise imicó ndângaburŭndi. Birabîkiye amabānga mĕnshi igihúgu ajānyé n'ákăhise n'ímicó n'ímigēnzo vy'Ábarŭndi. Nkó kubijânye n'íbigabiro vy'Ábămi, birakwîye gukīngirwa, bakabirīnda abavyîhagira mu gihe babá bárikó barâgura indimo zâbo. Ibigabiro bimwé bimwé biri mu kuzímāngana kukó abarimyi bagumá băgura amatōngo yâbo bagahéza bakarêngēra ikibănza kirímwo ikigabiro. Aho twōvuga nk'íkibănza kirímwo ikigabiro c'úmwămi MWÊZI GISĀBO ku mutŭmba wa Remēra. N'íbĭndi bibănza vyādondáguwe aho hējuru na vyó nyéne birakwîye gukīngirwa aríko twōbībutsa kó ibitabo vyămaze kuzímāngana. Ntā wŏba akímenya ahó vyăhora arâbīshije ijîsho. Ibisígaye ni nk'áhāntu hări ibuye rinini cāne ahó mbére bĕnshi băza kubāndwa eka mbére bagatérekēraho. Iryo buye riracâriho kukó atā mūntu ashobóye kuríkūraho ngo harimwé. Iryo buye rirabóneka nêzá kw'īfoto ahó mbére nătwe nyéne twărífotoye. Rirabóneka nêzá mu mafoto y'íbibănza bikwīyé gukīngirwa nó gutêzwa imbere.

---

[51] NGENDQBNKA Joseph, imyâka 70, Gishubi, itárikí 25/9/2016

Ibibănza rēró bikwīyé gutêzwa imbere no gukīngirwa ni ibi: ingānzo ya Ntáre Rugămba irí ku mutŭmba wa Mugānza, iyó kwā Mwêzi Gisābo irí ku mutŭmba wa Remēra, iyó kwā Mútāga MBĪKIJE irí ku mutŭmba wa Mutána, iyó kwā Kirima irí ku mutŭmba wa Nyákibári, ibuye ryā Múnago na Muruta. Ivyo bibănza birabóneka nêzá ku mafoto.

## UGUSÔZĒRA

Iki kigabáne kigizwe n'ámazína y'ímihîngo afisé insígūro y'ákăhise n'ímicó n'ímigēnzo vy'Ábarŭndi. Ni murí iyo ntūmbēro amajāmbo nk'ingānzo, ikirămbi, umusaraba, igitabo, urugomero, amâzi, igikómeye, ibuye ryā Múnago, inká z'inkūngu, ikâzé, igíti, inyănge, ibānga, irângo, irâro, urugomero, .... N'áyăndi atāvuzwémwó. Mu yăndi majāmbo, iki kigabáne kigizwe n'ámazína y'ímihîngo afatíye ku micó ndângaburŭndi. Murí uyo mucó twōvuga nk'úmucó wó gufubana abāntu itêka, yába mukúru cānké mutó, gucūngēra ingānzo z'Ábămi, umucó wó gusēnga kirānga cānké Imâna ahó mbére Abarŭndi bămye bâzi Imâna kuva kĕra gushika ubu, gushōra inká ku Rugomero, gutûnga inká, gucá imănza, guhânahāna icûbahiro, kutárēngá ibānga, kurānga abāntu cānké ibintu, kwūgarira ... n'íbĭndi. Iki kigabáne cērekeye kăndi kwĕrekana kó izína ryöse ry'úmuhîngo rifisé icó ryăvūyéko. Ni na yó mpămvu dufisé insígūro ză kăhise n'ímicó n'ímigēnzo vy'Ábarŭndi.

Iki kigabáne cērekeye kăndi kurānga ibibănza vy'írātiro n'íbibănza bikúru bíkuru gusūmba ibĭndi ahó mbére ivyo bibănza bikwīyé gukīngirwa nó gutêza imbere kukó birí mu rugero rw'ímicó ndângabúrŭndi. Ni murí iyo ntūmbēro iki kigáne cērékana ukwó ivyo bibănza vyīfáshe unó mŭnsi ahó mbére kiduhamágarira kubíbūngabūnga. Murí rusăngi, iki kigabáne kiri mu rukuríkirane rwā kăhise n'ímicó n'ímigēnzo vy'Ábarŭndi ahó cērékeye gutêza imbere ururími rw'íkirŭndi bícīye kurí kăhise n'ímicó n'ímigēnzo vy'Ábarŭndi.

# IKIGABÁNE CĀ KÁNE :

# IMIRYĀNGO YAGÉRĒREYE MŪ NTÂRÁ YÓ KŪNKÎKO-MUGĂMBA

## 4.1. Intângamárārá

Intârá yó KŪNKÎKO-MUGĂMBA yagérērewe n'ímiryāngo itarí miké. Imiryāngo imwê imwé yáje mu Burŭndi ivûye mu bihúgu bibânyi[52] nk'Úrwānda na Tanzaniya. Aho twōvuga nk'Ábajîji băje báva mu Bujîji murí Tanzaniya y'ŭbu n'Ábashûbi baje bava mu Bushûbi muri Tanzaniya y'ŭbu. Twōvuga kăndi Abanyarwānda băje mu Burŭndi bávūye i Rwānda n'Ábanyágisáka nyéne băje báva murí ico gihúgu ahāntu hītwá igisáka.

NTAHOKAJA Jean Baptiste mu gitabo cîwé yĭse *Imigēnzo y'ĭkirŭndi* abivuga murí aya majāmbo:

*« Hari imiryāngo igwīríye mu Burŭndi ukayisānga nó mu bĭndi bihúgu: Abênēngwe, abanyăkaráma, abêga, Ababānda barí mu Burŭndi nŏ mu Rwānda. Abahīnda, Abayānzi, Abasāmbo b'i Burŭndi barí na bênewâbo i Buganda muri nkole »*[53].

## 4.2. Urutŏnde rw'ímiryāngo yagérēreye mū ntârá yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA

Nk'ûkó twābivúze aho hējuru, intârá yó KŪNKÎKO-MUGĂMBA yarágerērewe n'ímiryāngo itarí miké. Iyo nayŏ ni iyi: Abahânza, Abavúmu, Abazibīra, Abaha, Abĕga, Abîru, Ababānda, Abasafu, Abanyágisáka, Abayēngero, Abashûbi, Abanyarwānda, Abênēngwe, Abarima, Abasáse, Abasĭndi, Abajîji, Abăzāge, Abanyănge, Abazige, Abakāmbāzi, Abênerwāmba, Abashŏma.

---

[52] NTAHOKAJA , J.B. op.cit,P.8

[53] Idem

**4. 3.Uruhára rwâyo mu kwŭbaka igihúgu**

| Izína | Ahó yába | Umwăka | Uruhára mu kwŭbaka igihúgu | Uwatânze inkúru |
|---|---|---|---|---|
| 1. NTORŌGWE (umuvúmu) | Myūgariro | ±1906 | Umutwăre | KABEBA Léonard |
| 2. MASÚBA (umuha) | Nyamiyogoro | ±1915 | Umutwăre | SIMBAYÓBEWE Zacharie |
| 3. BIKÚRĔNGE (umuhânza) | Buziraguhīndwa | ±1876 | umuhámagazi | GASHWABURIRA Jean |
| 4. BĀNDORARÍGONA (umwĕga) | Remēra | ±1911 | Umushîngantăhe | NGĒNZÉMAKÉ Dominque |
| 5. BUSHĂYĀYA (umwîru) | Remēra | ±1917 | Umushîngantăhe | SINDÂYIGAYA Elias |
| 6. SÊRUKÂMBA (umubānda) | Mikúba | ±1908 | Umushîngantăhe | BARAKÂMFÍTIYE Nicodème |
| 7. KADĔNDE (umusafo) | Busāmbo | ±1923 | Umushîngantăhe | NDARURUHÍRE Innocent |
| 8. RUFYÓTO | Yānza | ±1887 | Yarwâniye umwămi | BĪGĒNDAKÓ Pie |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| 9. BIRYĀMA (umunyarwānda) | Muruta | ±1868 | Yarwâniye umwǎmi | NYARUNWA Antoine |
| 10. NYŪNDO (umwênēngwe) | Kārunyínya | ±1921 | Umutwǎre | NIYÍBǏZI Gordien |
| 11. BARǓMBĀNZE (umusǐndi) | Yānza | ±1909 | Umutwǎre | NIYÍBǏZI Diomède |
| 12. MUZÍGURO (umǔzāge) | Nkônge | ±1887 | Umutwǎre | KABWÁ Tharcisse |
| 13. RYŎYA (umuzige) | Remēra | ±1916 | Umushîngantǎhe | NDAMUSÁBE Patrice |
| 14. KIRIGABO (umwěnegwāmba) | ruvÚmu | ±1896 | Umushîngantǎhe | NYABĚNDA Vincent |

### 4.4. Insígùro y'ímiryāngo yagérēreye mū ntâré KŪNKÎKO–MUGĂMBA

Imiryāngo yó mū ntâré yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA irafise insígūro. Izo nsígūro zămye hó ahó mbére zifatíye ku bikórwa cānké amabānga umuryāngo umwé umwé warí ujêjwe mu matêká y'ígihúgu. Ku miryāngo imwé imwé, izo nsígūro zirabóneka mu gihe ku yǐndi zitabonéka. Hari n'însígūro z'ímiryāngo zifatíye kumâmūko yǐyo miryāngo. Mu miryāngo ifisé insígūro harimwó Abĕga, Abahânza, Abahānda, Abanyágisáka, Abagânda, Abajîji, Abashûbi, Abanyarwānda, Abasáse, Abazibīra, Abasǐndi, n'ábăndi. Turābíre hamwé insígūro y'úmuryāngo umwé umwé:

| Umuryāngo | Insígūro | Uwatânze inkúru cānké umushākashātsi | Ahó aba |
|---|---|---|---|
| 1. Abĕga | Umuryāngo w'ábāntu bēgámiye ingoma. | NGĒNZEMAKÉ Dominique | Remēra |
| 2. Abahânza | Umuryāngo w'ábāntu băvūye i Buhânza mu Buyogoma. | SÊRUSHĂHU Léopold | Myūgariro |
| 3. Ababānda | Umuryāngo w'ábāntu băbāndirwa umwămi | BARAKÂMFÍTIYE Nicodème | Mikúba |
| 4. Abanyágisáka | Umuryāngo w'ábāntu băvūye i Gisaka mu Rwānda. | NTAHOKAJA Jean Baptiste mu gitabu Imigēnzo y'íkirundi, urupapuro rwa 8 | - |
| 5. Abanyarwānda | Umuryāngo w'ábāntu băvūye mu Rwānda. | NYARUNWA Antoine | Muruta |
| 6. Abasáse . | Umuryāngo w'ábāntu băsasa indăva y'úmwămi | NĀHÍSHĀKÍYE Zacharie | Myūgariro |
| 7. Abazibīra | umuryāngo wazíbira inzira z'âbânsi. | MINÂNI Jean | Yānza |
| 8. Abasǐndi | Umuryāngo w'ábāntu băsīndikiza umwămi ku murwa. | NIYIBǏZI Diomède | Yānza |
| 9. Abajîji | Umuryāngo w'ábāntu băvūye mu Bujiji murí Tanzania | NTAHOKAJA Jean Baptiste mu gitabu **Imigēnzo y'íkirundi,** urupapuro rwa 8 | - |
| 10. Abashûbi | Umuryāngo w'ábāntu băvūye mu Bushûbi murí Tanzania | NTAHOKAJA Jean Baptiste mu gitabu Imigēnzo y'íkirundi, urupapuro rwa 8 | - |
| 11. Abagănda | Umuryāngo w'ábāntu băvūye i Bugănda. | NYARUNWA Antoine | Muruta |

## 4. 5. Amâmūko y'ímiryāngo yagérēreye mū ntârá yó KŪNKÎKO–MUGǍMBA

Imiryāngo yagérēreye ku ntârá yó KŪNKÎKO–MUGǍMBA ntifisé amâmūko amwé. Hari iyǎmyehó kuva kěra mu Burǔndi n'íyǐndi yazánanye mu bihúgu bibânyi. Aho twōvuga nk'Ábajîji n'Ábashûbi bǎje bâzananye murí Tanzaniya y'ǔbu ahó Abanyarwānda n'Ábanyágisáka bǎzananye mu Rwānda. Ikǐndi twōvugá ni ukó n'ímiryāngo yǎmye mu Burǔndi irí mu ntârá yó KŪNKÎKO–MUGǍMBA na yó nyéne ntifisé amâmūko amwé. Iyo miryāngo yavûye mu ntârá zitāndúkānye z'ígihúgu. Hari iyavûye i Gitéga,i Murāmvya, i Ngōzi, mu Kayānza n'áhǎndi. Turābíre hamwé amâmūko y'úmuryāngo umwé umwé:

| **Umuryāngo** | **Amâmūko** | **Uwatânze inkúru cānké umushākashātsi** | **Ahó abá** |
|---|---|---|---|
| **1. Aběga** | Buyogoma. | NGĒNZEMAKÉ Dominique | Remēra |
| **2. Abîru** | Murāmvya. | SINDÂYIGAYA Elias | Remēra |
| **3. Abahânza** | Buyogoma | SÊRUSHǍHU Léopold | Myugariro |
| **4. Ababānda** | Bwêru | MINÂNI Sébastien | Busāmbo |
| **5. Abasafu** | Murāmvya | NDARURUHÍRE Innocent | Busāmbo |
| **6.Abanyágisáka** | i Gisáka mu Rwānda. | NTAHOKAJA Jean Baptiste mu gitabo *Imigēnzo y'Íkirǔndi* | - |
| 7. **Abayēngero** | Nkîko-Mugǎmba | NĪZIGIYIMÂNA Melchior | Nyamiyogoro |
| **8. Abashûbi** | Bushûbi | NYĀNDWI Soter | Muruta |
| 9. **Abanyarwānda** | Rwānda | NYARUNWA Antoine | Muruta |
| **10. Abênēngwe** | Cēwe murí Kabarore | NDABAGĚNDE Daniel | Muruta |

| | | | |
|---|---|---|---|
| 11. **Abarima** | Kūnkîko–Mugămba | BAGAYUWĬTŪNZE Damien | Câmpázi |
| 12. Abavúmu | Nkiko-mugămba | KABEBA Leonard | Myūgariro |
| 13. Abaha | Kūnkîko–Mugămba | SIMBAYÓBEWE Zacharie | Buziraguhindwa |
| 14. Abasáse | Kūnkîko–Mugămba | NĀHÍSHĀKÍYE Zacharie | Myūgariro |
| 15. Abazibīra | Gitéga | NAHIMÂNA Liboire | Nkônge |
| 16. Abasĭndi | Rwānda. | NIYIBĬZI Diomede | Yānza |
| 17. **Abăzāge** | Kūnkîko–Mugămba | KABWÁ Tharcice | Nkônge |
| 18. Abanyănge | Murāmvya | BARUTWANAYÓ Michel | Mutána |
| 19. Abazige | Murāmvya | NĪZIGIYIMÂNA Dismas | Nyamisagara |
| 20. **Abakāmbāzi** | Murāmvya | MISÍGARO Pascasie | Gishûbi |
| 21. **Abĕnerwāmba** | Rwānda | NYABĔNDA Vincent | Ruvúmu |
| 22. **Abashŏma** | Murāmvya | NDABÊMEYE Jean | Busāmbo |

# IKIGABÁNE CĀ GÁTĀNU:

# IMICÓ N'ÍMIGĒNZO Y'ÍMIRYĀNGO YAGÉRĒREYE KŪNKÎKO-MUGĂMBA

## 5.1. Intângamárārá

Imiryāngo yēgéreye mū ntârá yó KŪNKÎKO–MUGĂMBA irafíse imicó n'ímigēnzo nk'íyĭndi miryāngo yöse irí mu gihúgu c'Úburŭndi. Murí iyo micó n'ímigēnzo hari hó iyirânga imiryāngo nká yöse murí rusăngi, ni ukuvúga iyó bahūríyekó n'íyĭndi yīháriye umuryāngo uyu cānké uriya. Iki kigabáne cērékeye imiziro, ibimazi n'íbiterékērwa, ibibănza imiryāngo yūbáha n'íyĭndi migírwa irāngá umuryāngo uyu cānké urīya. Turābíre hamwé imicó n'ímigēnzo y'úmuryāngo umwumwé:

### 1. Umuryāngo w'Ábĕga

NGĒNZEMAKÉ Dominique[54] avuga kó Abĕga bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo bikuríkira: ni aborozi b'inká, bakūnda kurima, babāna nêzá n'ábabânyi, baratêrērana mū mănza mū mănza n'íyĭndi miryāngo, ntā rusáku bagirá, ntibīnjírira abakōbwa canecane iyo umukōbwa yamazé kurōngorwa, ntibīnjírira abîshwa, baratînya kăndi barûbaha ahó băhāmvye abâbo, baratûnga ibimazi n'íbiterékērwa nk'íntāma, umugāra, n'íngeyo. Ntā wárya intāma kukó băvuga kó arí agakôkó k'îmâna. Umugāra n'íngeyo băbikorēsha mu kubāndwa, barûbaha intátemwá.

### 2. Umuryāngo w'Âbîru

SINDÂYIGAYA Elias[55] avuga kó Abîru bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo bikuríkira: kĕra umwămi yâtânze, abîru ni bó bămwēgeranya, babāna nêzá n'ábăndi, barahâna abageni n'íyĭndi miryāngo, baratêrērana mū

[54] NGEBZEMAKE Dominique, imyâka 65 , Remēra , itáriki 19/9/2016
[55] SINDÂYIGAYA Elias , imyâka 69, Remera, itáriki 19/9/2016

mănza n'íyĭndi miryāngo. Umwîru yîtavye Imâna, umugóre wîwé ntā wŭndi mugabo ajakó, abîru baragumya ibānga.

Uwo mutânzi w'ínkurú abivuga murí aya majāmbo:

"*Ni twēbwé abîru bagumyabānga*"[56].

### 3. Umuryāngo w'Ábahânza

BUYÓYA Lucien[57] avuga kó Abahânza bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira:

Barakûnda gukûra ubûki, barûmvīkana n'ábăndi, barîtōnda barakûndana, barasabiranira n'íyĭndi miryāngo, baratêrērana mū mănza n'íyĭndi miryāngo, ntibīnjírira abakŏbwa, uwuvyâye agéze kurí NYĀNDWI aca atângura kwāmbika ikimazi: NYĀNDWI amwâmbika umudĕnde, MINÂNI amwâmbika iyugi, Nyabĕnda amwâmbika agahoro, Bucúmi akamwâmbika agacúmu.

NZŌBONÍMPA Libère[58] na wé avuga kó Abahânza bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira:

Barasâbīkanya n'ábăndi, barakûnda kwĭyereka, bărihāngāna, barahanūra abătānye, barafáshānya n'ábăndi, ntibīnjírira abîshwa, ntibīnjírira abahŭngu, barûbaha ingānzo z'Ábămi, barûbaha ahó băhāmvye abăbo, barûbaha amatōngo y'ábagánwa

SÊRUSHĂHU Léopord[59] na wé avuga kó Abahânza bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo yó gutûnga ibimazi: insâto z'íngwe n'íbihéte.

RUSHŎMBO Simon[60] na wé avuga kó Abahânza bó mu muryāngo wîwé bafise imicó n'ímigēnzo yó gutérama, gukûnda ibikórwa, gukûnda kurwāna,

[56] SINDÂYIGAYA Elias, imyâka 69, Remera, itárikí 19/9/2016
[57] BUYÓYA Lucien, imyâka 63, Busāmbo , itárikí 20 /9/2016
[58] NZŌBONÍMPA Libère imyâka 72, Câmpázi , itárikí 2/8/2016
[59] SÊRUSHĂHU Léopold imyâka 88, Nyamiyogoro , itárikí 21/9/2016

kutárōngóra mu Bahíma, nó kubāndwa : Kirānga yarávumēra, bagafáta inkīnzo nk'ábagîye kurwāna.

**4. Umuryāngo w'Ábabānda**

MINÂNI Sébastien[61]avuga kó Ababānda bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira:

Barasāngira n'ábăndi akabísi n'ágahîye, barakûndana, baratêrērana mū mănza n'íyĭndi miryāngo, barahâna abageni n'íyĭndi miryāngo, ntibagarárīza amatégeko y'ábatwăre, ntibarya igitigu, ntibīnjírira abakŏbwa, ntibīnjírira abîshwa, barûbaha kăndi baratînya ahāntu harí isūmó, barûbaha kăndi ingānzo z'ábami, barûbaha ahó bafuvye abăbo, kăndi baratûnga ibimazi: amayugi, imigāra, ibigwēgwe bǎkorēsha mu kubāndwa.

**5. Umuryāngo w'Ábasafo**

NDARURUHÍRE Innocent[62] avuga kó Abasafu bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barakûnda kurima, barakûnda kwŏrōra, barafisé ishaka mu bikórwa, barakûndana, barakûnda inká kurusha ibĭndi bikôkó vyöse, barabâna nêzá n'íyĭndi miryāngo,barasāngira akabísi n'ágahîye n'íyĭndi miryāngo, barafáshānya n'íyĭndi miryāngo, baragâmburuka, ntibīnjírira abîshwa, ntibīnjírira abakŏbwa, ntibīnjírira abahŭngu , baratûnga ibimazi bǎkorēsha mu gutérekĕra (inkōko z'íbigōmbo, ingeyo) kăndi baratînya amatōngo y'ábăpfuye.

**6. Umuryāngo w'Ábanyágisáka**

NAHIMÂNA Antoine[63]avuga kó Abanyágisáka bó mu muryāngo wîwé bafise imicó n'ímigēnzo bikuríkira: barasónera icó bategétswe, barakûnda kurima, barakûnda kwŏrōra, barûbaha abăndi, ntibībá, ntibabēshá, barahâna abageni

[60] RUSHŎMBO Simon imyâka 82, Mikúba , itárikí 24/9/2016
[61] MINÂNI Sébastien, imyâka 80, Busāmbo , itárikí 20/9/2016.
[62] NDARURUHÍRE Innocent, imyâka 63, Busāmbo, itárikí 20/9/2016
[63] NĀHIMÂNA Antoine, imyâka 75 , Mutsinda, itárikí 10 /8/2016

n'íyǐndi miryāngo, baratêrērana mū mǎnza n'íyǐndi miryāngo, ntibīnjírira abîshwa, ntibīnjírira abakǒbwa, kěra bǎrakóresha ibimazi: ingeyo n'ámacúmu bǎkorēsha mu guterékēra, barûbaha ingānzo, amatōngo y'ábǎpfuye n'íbitabo.

NAHIMÂNA Liboire[64] na wé avuga kó Abanyágisáka bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barakûnda kwěgeka: ni umuryāngo w'abakûzi b'ûbûki, barabâna nêzá n'ábǎndi, ntibashīngíranira hagáti yâbo: umunyágisáka ntarōngóra uwǔndi munyágisáka, ntibaryá igitígu, baratûnga ibimazi n'íbiterékērwa: intǔtu n'íngeyo bǎkorēsha mu kubāndwa, bǎrûbaha intátemwá: Hǎma házigurije igihé cöse, ntā wahârīma.

BĪGĒNDÁKO Pie[65] na wé avuga kó Abanyágisáka bó mu muryāngo wîwé bǎri báfise imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barîtōnda, mu gutânga amâka bǎratérekēra, mu kurása bǎba báfise inkīnzo n'ímyāmpi, bǎratînya i bugánwa, ntā wájayó bátamutúmyeko.

**7. Umuryāngo w'Ábayēngero**

NDABIGÉZE Augustin[66] avuga kó Abayēngero bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'í migēnzo ikuríkira: barasāngira akabísi n'ágahîye n'íyǐndi miryāngo, barafátana mūnda n'íyǐndi miryāngo (barashígikiranye n'íyǐndi miryāngo, ntibahānána abageni hagáti yâbo, ntibashwāná hagáti yâbo, baratêrērana n'íyǐndi miryāngo mū mǎnza, barahâna abageni n'íyǐndi miryāngo, ntibīnjírira abîshwa, ntibarōngóra abavyâra, barûbaha kǎndi baratînya i Butwǎre, i Bugánwa n'întátemwá.

---

[64] NĀHIMÂNA Lboire imyâka 66, Nkonge , itáriki 24/9/2016
[65] BIGEBDAKO Pie imyâka 64, Yānza, itáriki 23/9/2016
[66] NDABIGÉZE Augustin, imyâka 72, Campazi, itáriki 20/9/2016

NĪZIGIYIMÂNA Melchior[67] na wé avuga kó Abayēngero bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barakûnda kurima, kĕra bărakûnda gutâmba nó kuvúza inānga, bărabândwa kăndi băraráguza.

## 8. Umuryāngo w'Ábashûbi

RUGAZURA Boniface[68] avuga kó Abashûbi bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo bikuríkira: ntibacurá, barakûnda kuvúza inānga, baratêrērana mū mănza n'íyĭndi miryāngo, barakûnda cāne inká, ntibĭbá, ntibaharíka, ntibīnjírira abakŏbwa, ntibīnjírira abîshwa, kĕra bări báfise umucó wo gutâunga ibimazi n'íbiterékērwa: inkīnzo, ikigomera, umuheto w'ímyāmpi, inānga, baratînya kăndi barūbaha i Butwăre n'i bugánwa, baratînya ibigabiro.

KARÊNZO Libère[69] nawé avuga kó Abashûbi bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barîtōnda, barasāngira n'ábăndi, kĕra bătûnga ingeyo n'íntutu.

MBONANKÍRA Patricie[70] avuga kó Abashûbi bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikururikira: bashûbi bămye bîyegereza abămi, barakûndana, barakûnda kubá i Butwăre, barakûnda kuvyína: "umushûbi arámutse yâbīra umuhíma akaba afíse inká yōnsá cānké inyána yáca ípfa"[71], baratûnga ibimazi n'íbiterékērwa: ibisābo vyó gutêrera amáta. Iyó havūtsé umwâna bărabândwa, bărashôra abâna ku mwônga bakabasukakó amâzi, umuvyêyi băramwămbika urukângaká, abasígaye băba bâmbaye intútu, bărāmbara kăndi inzogera n'íngeyo. Bărūbaha i Bwămi.

[67] NĪZIGIYIMÂNA Melchior, imyâka 80, Nyamiyogoro, itárikí 22/9/2016
[68] RUGAZURA Boniface, imyâka 76, Campazi, itárikí 21/9/2016
[69] KARÊNZO Libère , imyâka 72, Campazi, itárikí 21/8/2016
[70] MBNIMPA Patricie, imyâka 72, Muruta , itárikí 16/9/2016
[71] Idem

NYĀNDWI Soter[72] nawé avuga kó Abashûbi bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira : barakûnda gusaba abatégetsi, barakûnda kwǐyereka, baratéga urukindo/ urushatsi rukōzomōbwa bênze amayóga yó gutérekēra, baratînya mū ngóro za bā shêbuja, intátemwá, ahó bǎhāmvye abǎbo, amasūmo.

MUKÚRASHAKA Généviève[73] na wé avuga kó Abashûbi bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo bikurikira: bágīye gukûra ubûki bǎgenda bâmbaye intútu arûbaha ikibǎnza cöse cǎbēramwó imigirwa nkó kubāndwa cānké gutérekēra.

## 9. Umuryāngo w'Ábanyarwānda

NYARUNWA Antoine[74] avuga kó Abanyarwānda bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikurikira: barakūndá ibikórwa, kěra bǎrabândwa, baratêrērana mū mǎnza n'íyǐndi miryāngo, barahâna abageni n'íyǐndi miryāngo, barakûnda kurima, barakûnda kwǒrōra, ntibīnjirira abahūngu, ntibābîīra ubwôko bwöse, bābīra ubwôko bāzí kǎndi bātôhoje, ntibīnjírira abîshwa, barûbaha kǎndi Baratînya ibibǎnza vyǎbēramwó imigēnzo nkó kubāndwa, gutérekēra n'íbǐndi. Bǎtīnya kw'ībuye ryā Namuruta nó kw'ībuye ryā Munago.

NDARŪZANIYE nawé avuga kó Abanyarwānda bó mu muryāngo wîwé báfise imicó n'ímigēnzo ikurikira: ntibashavura, bǎri báfise umucó n'úmugēnzo wó gutînya ibimazi n'íbiterékērwa, nk'íngeyo, inkóno, inkóno ya bigōmbo inānga, baratînya kǎndi Barûbaha ibigabiro, ahó bǎhāmvye abǎbo.

## 10. Umuryāngo w'Ábênēngwe

NDABAGĚNDE Daniel[75] avuga kó Abênēngwe bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira:babāna nêzá n'íyǐndi miryāngo, ntibashwāná

---

[72] NYĀNDWI Soter, imyâka 80, Muruta, itáriki 21/9/2016
[73] MUKÚRASHAKA Généviève, imyâka80, Myūgariro, itáriki 21/9/2016
[74] NYARUNWA Antoine, imyâka 88, Muruta , itáriki 21/9/2016
[75] NDABAGĚNDE Daniel, imyâka 72, Muruta , itáriki 21/9/2016

baratêrērana n'íyǐndi miryāngo iyó habāyé imǎnza, barahâna abageni n'íyǐndi miryāngo, ntibīnjírira abahǔngu , ntibīnjírira abakǒbwa bǎri abáfise umucó n'úmugēnzo wó gutûnga ibimazi n'íbiterékērwa nk'íntútu zó kubāndwa, Umugāra n'íngeyo, barûbaha ibibǎnza vyǎbēramwó imigēnzo nkó kw'ībuye ryā Munago, na Namuruta.Barûbaha kǎndi ibigabiro vy'Ábǎmi n'ámatōngo y'ábǎpfūye

NIYIBǏZI Gordien[76] na wé avuga kó Abênēngwe bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: bǎrabândwa, bǎratérekēra, baratînya amasūmo kukó bǐbaza kó bōhūra n'íbinyámwōnga.

## 11. Umuryāngo w'Ábarima

BAGAYUWǏTŪNZE Damien[77] avuga kó Abarima bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barakórera hamwé, barakûnda ibikórwa, barafáshānya, baratabārana, baratêrērana mū mǎnza, barahâna abageni n'íyǐndi miryāngo, ntibābîra abîshwa, ntibābîra abavyâra, ntibīnjíra inzu y'ábakǒbwa bâbo, bǎrabândwa. Mu kubāndwa bǎmbara insâto z'íngwe, barûbaha kǎndi baratînya i Butwǎre, baratînya kǎndi ahó bǎtāye abǎbo.

## 12. Umuryāngo w'Ábavúmu

KABEBA Léonard[78] avuga kó Abavúmu bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barîtōnda (baratêkereza), ntibahūngábanya abǎndi, barakûnda kwǐkorera utwǎbo, baratêrērana mū mǎnza n'íyǐndi miryāngo, barahâna abageni n'íyǐndi miryāngo, ntibīnjíra mū nzu z'âbîshwa, ntibīnjíra mū nzu z'ábakǒbwa bâbo, bǎri báfise umucó n'úmugēnzo wó gutûnga ibimazi n'íbiterékērwa: intútu n'úbumaro (ubusáro) bǎmbara bárikó bǎrabândwa.

---

[76] NǏBǏZI Gordien, imyâka 65,Karunyinya , itárikí 23/9/2016
[77] BAGAYUWITUNZE Damien, imyâka 71,Câmpázi , itárikí 21/9/2016
[78] KABEBA Léonard, imyâka 80, Myugariro, itárikí 21/9/2016

RUGUSHI Zacharie[79] na wé avuga kó Abavúmu bó mu muryāngo wîwé bări báfise imicó n'ímigēnzo ikuríkira: bări báfise ibitérekezi nk'údutāma băgura tukaba arí twō băterekēreza, hari nk'úwavúga ngo yarátēwe n'înká akaba arí yó agurá ikaba igitérekezi.

MINÂNI Jérome[80] na wé avuga kó Abavúmu bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barakûnda kurima, barakûnda kwŏrōra, ntā muvúmu yōrôra ingurube, ntā Muvúmu yárya intāma

NYĀNDWI Léonidas[81] na wé avvuga kó Abavúmu bó mu muryāngo wîwé bafisé imigēnzo ikuríkira: barûbaha, ntibībá, ntibashuráshura, ntibagūngá, bări báfise ikimazi: urushâto rw'ífūmbēri kukó băvuga kó rukīngá ingŏrane. Baratînya kăndi itōngo ry'ábăpfūye kukó baratînya imizímu y'ábăpfūye, baratînya isumo kukó băvuga kó hárimwó ibisígo, barûbaha kăndi ibigabiro vy'Ábămi.

**13. Umuryāngo w'Ábaha**

SIMBAYÓBEWE Zacharie[82] avuga kó Abaha bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barakûndana, baratêrērana n'íyīndi miryāngo mū mănza, barafáshānya ibikórwa nká vyöse n'íyīndi miryāngo, barahâna abageni n'íyīndi miryāngo, ntibīnjíra mū nzu z'ábakŏbwa bâbo, ntibīnjíra mū nzu z'âbîshwa bâbo, ntibābîra abó basāngíye umuryāngo, barafíse umucó n'úmugēnzo wó gutînya ibimazi n'íbiterékērwa: insāma băkorēsha mu kuragura, ubutsīta n'íbibábo, barûbaha kăndi baratînya ingānzo, amasūmo n'ámatōngo y'ábăpfūye.

[79] RUGUSHI Zacharíe, imyâka 76, Myūgariro, itárikí 21/9/2016
[80] MINÂNI Jérome, imyâka 68,Karunyinya , itárikí 23/9/2016
[81] NYĀNDWI Léonidas, imyâka 78,Mutána , itárikí 25/9/2016
[82] SIMBAYÓBEWE Zacharie, imyâka 88, Buziraguhīndwa , itárikí 10/8/2016

**14. Umuryāngo w'Ábasáse**

NĀHÍSHĀKÍYE Zacharie[83] avuga kó Abasáse bó mu muryāngo wîwé bafise imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barakûnda ibikórwa.

Abivuga murí aya majāmbo:

*« Nitwe twăkubūra ahó bĕnewâbo na Barănyanka bărāra. Ico gihe bĭga i Gatara »*[84]

Barafáshānya imănza n'íyĭndi miryāngo cāne câne mu guterêrērana n'íyĭndi miryāngo, barahâna abageni n'íyĭndi miryāngo.

Uwo mutânzi w'inkúru abivuga murí aya majāmbo:

*"barakwêreranira n'ábajîji, Abahânza n'Abashûbi..."*[85]

Cărazíra kó umusáse atōrá umutóbe mu banyámibêmbé wó kujāna kwā Barănyanka. Bări báfise kăndi umucó n'úmugēnzo wo gutûnga ibimazi n'íbiterékērwa: inzogera, urusāma rurí mu gakūnga băjegeza ikibábo. Ahó ivyó vyöse băbikoresha mu gutérekēra, baratînya umuryāngo w'ábanyámibêmbê, ahó băfuvye abābo n'íngānzo z'ábăbo.

**15. Umuryāngo w'Ábazibīra**

NTACOBAKĪMVÚNA Romane[86] avuga kó Abazibīra bó mu muryāngo wîwé bafise imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barakûnda kurima, bărigēnga, baratêrērana inzóga n'íyĭndi miryāngo, ntibasobânura umūntu n'úwŭndi cāne cāne mū mănza, barakûndana, barahâna abageni n'íyĭndi miryāngo, ntibinjíra mū nzu z'ábahŭngu bâbo, ntibīnjíra mū nzu z'ábakŏbwa n'âbîshwa, ntibaryá igitígu, bări báfise umucó n'úmugēnzo wó gutûnga ibimazi n'íbiterékērwa: umurĕnga

[83] NZAHISHAKIYE Zachare, imyâka 76, Myūgariro, itárikí 21/9/2016
[84] NZAHISHAKIYE Zachare, imyâka 76, Myūgariro, itárikí 21/9/2016
[85] Idem
[86] NTACOBAKĪMVÚNA Romane, imyâka 74, Nyamiyogoro, itárikí 12/9/2016

bămbika umūntu iyó yapfūye. Băramuhá kăndi icúmu ry'íngóbe. Barûbaha kăndi indâro y'ábakúrāmbere kukó uwushâka gutérekēra niyó yájamwó, barûbaha kăndi ingānzo n'âhó bătāye abăbo

MINĂNI Liboire[87] na wé avuga kó Abazibīra bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barîgānza, barafátanye mū nda, barakûnda gutâmba inānga, ntibatīnyá, ntibagirá isoni, baratúnga ibimazi: ingwe, Intāma, inká z'íbiterékērwa, insāma, ingeyo, amacúmu, imbúgitá udukōkó tw'ínsūri, barûbaha ahó băhāmvye abakúrāmbere: "Nka sogókuru yâpfūye bămuhāmba mu rugó, bakamwūbakira urugó rukīkūje imvá yîwé"[88]. Iyó uwapfūye yába afise ibimazi, bimwé bărabimútāna agasigarana bikêyá. Ni vyó vyărera abâna basigáye, kū mvá y'úmusôkúru băratêrakó igíti cĭtwa umurīnzi, ico gíti kikazōba ikimenyētso c'ûkó "sŏkuru yahâmbwe ngăha"[89]

KABÉGATÓ Cassien[90] nawé avuga kó Abazibīra bó mu muryāngo wîwé ufisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: abaratûnga ibimazi n'íbiterékērwa: ihĕmbe ahó băvuga kó arí igiterékērwa c'înká bări bâragábanye, ahó bătāye abăbo bărahatérekēra bakājana inzóga yó gukóza imitsíma, utuyóga tw'împéke n'íkĭndi.

## 16. Umuryāngo w'Ábajîji

NĀHÍNÂMA Herman avuga kó Abajîji bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: baratêrērana mū mănza n'íyĭndi miryāngo, barafáshānya murí vyŏse n'íyĭndi miryāngo, barahâna abageni n'íyĭndi miryāngo kíretse imiryāngo y'Ábatwá, barûbaha iyĭndi miryāngo, ntibīnjírira abahŭngu, ntibīnjírira abakŏbwa, ntibīnjírira abîshwa, baratûnga ibimazi n'íbiterékērwa: agahoro, agacúmu, n'ákayugi bămbika abâna uhêreye kurí Míburo. Băratînya

[87] MINÂNI Liboire, imyâka 66, Nkonge, itárikí 24/9/2016

[88] MINÂNI Liboire, imyâka 66, Nkonge, itárikí 24/9/2016

[89] Idem

[90] KABÉGATÓ Cassien, imyâka70, Nkonge, itárikí 24/9/2016

kăndi bărūbaha i Butwăre. Avuga kó iwăbo hări umutwăre NTĀBIHÁRI, i wé bărahatînya cāne. Hări hó n'úwŭndi yĭtwa NĂNGAYE na wé iwé bărahatînya.

KARÍKUNZIRA Gérard[91] na wé avuga kó Abajîji bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikurîkira: barabâna nêzá n'íyĭndi miryāngo, ntibasobânura abāntu, bakūndá böse, baratûga ibimazi n'íbiterékērwa: Intāma, barûbaha kăndi baratînya ingānzo z'Ábămi, ahó băhāmvye abāntu n'ámasūmo

## 17. Umuryāngo w'Ábasĭndi

NIYIBĬZI Diomède[92] avuga kó Abasĭndi bó mu muryāngo wîwé bafise imicó n'ímigēnzo ikurîkira: Ntibashwāná, ntibatāngá ishano, baratúkana, barahâna abageni n'íyĭndi miryāngo, baratêrērana inzóga n'íyĭndi miryāngo, baratûnga ibimazi n'íbiterékērwa : Intútu, imigāra n'íngeyo. Ivyó vyöse băbikorēsha mu kubāndwa, barûbaha kăndi baratînya igitabo, ingānzo z'Ábămi, n'âhó bătāye abăbo.

## 18. Umuryāngo w'Ábăzāge

KABWÁ Tharcice[93] avuga kó Abăzāge bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikurîkira: barakára, barîyereka, barahâna abageni n'íyĭndi miryāngo, baratêrērana mū mănza niyĭndi miryāngo, ntibīnjírira abîshwa, ntibīnjírira abakŏbwa, bări báfise umucó n'úmugēnzo wó gutûnga ibimazi n'íbiterékērwa inkīnzo n'ibihete băkorēsha mu kwĭyereka, baratînya ibibănza bătāyemwo abakúrāmbere. Băma bágēnda kuhashariza bakahákīkūza amabuye.

[91] KARIKŪNZIRA Gérard, imyâka 69, Nkonge, itárikí 24/9/2016
[92] NIYIBĬZI Diomède, imyâka 77, NYānza, itárikí 23/9/2016
[93] KABWÁ Tharcisse, imyâka 68, Nkonge , itárikí 24/9/2016

### 19. Umuryāngo w'Ábanyǎnge

BARUTWANAYÓ Michel[94] avuga kó Abanyǎnge bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo bikuríkira: Barakûndana, barabîka ibānga, barahâna abageni n'íyǐndi miryāngo, baratêrērana mū mǎnza n'íyǐndi miryāngo, baragâmburuka, barakérebutse, bīfata nêzá hâba mū nyambaro, bīgēnza nêzá , ntibaryá intāma ngo umūntu yōbá ahúmanye, ntibaryá igitígu ngo umūntu yoca ápfa, barûbaha kǎndi barûbahiriza ibigabiro vy'Ábǎmi, barûbaha kǎndi bǎratînya ishāmba, amasūmo n'âhó bǎhāmvye abǎbo, bǎrūbaha kǎndi bǎratînya ibibǎnza vy'í Butwǎre n'í bugánwa.

### 20. Umuryāngo w'Ábazige

NĪZIGIYIMÂNA Dismas avuga[95] kó Abazige bó mu muryāngo wîwé bafisé imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barakûnda kurima, barahâna abageni n'íyǐndi miryāngo, baratêrērana mū mǎnza n'íyǐndi miryāngo, barakûndana, ntibavāngûra imiryāngo cānké amôko, ntibīnjírira abîshwa, ntibīnjírira abâna bâbo, ntibaryá Intāma cānké ingurube, baratûnga ibimazi n'íbiterékērwa: Mu kubāndwa bǎkorēsha inzóga Kirānga akavumēra. Baratûnga kǎndi Intāma nyamwêro kukó bǎvuga kó arí intāma y'Imâna, baratînya kǎndi barûbaha ingānzo z'Ábǎmi, baratînya kǎndi ikibira kíretse umuhǐgi.

### 21. Umuryāngo w'Ábakāmbāzi

MISÂGO Pascasie[96] avuga kó Abakāmbāzi bó mu muryāngo wîwé bafise imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barîtōnda, barasāngira n'ábǎndi, bǎmye bîyegereza abǎmi, barakûndana, baravyína, barîyereka, ntibīnjírira abîshwa, ntibīnjírira abakōbwa, ntibābîra abahíma, ntibābîra mu banyámibêmbe, ntibaryá intāma cānké igitígu,

---

[94] BARUTWANAYÓ Michel, imyâka 81, Mutána , itárikí 24/9/2016
[95] NĪZIGIYIMÂNA Dismas, imyâka 65, Mutána , itárikí 24/9/2016
[96] MISÍGARO Pascasie, imyâka 70, Gishûbi, itárikí 27/9/2016

barûbaha isūmo, barûbaha amasôko kukó băvuga kó harí amasôko ahūmá, barûbaha ibitabo, ingānzo z'Ábămi n'âhó bahāmbá abăbo.

### 22. Umuryāngo w'Abĕnerwāmba

NYABĔNDA Vincent[97] avuga kó Abĕnerwāmba bó mu muryāngo wîwé bafise imicó n'ímigēnzo ikuríkira: baragenderanira n'íyĭndi miryāngo, barasabiranira n'íyĭndi miryāngo, barakûndana, barakûnda kuvúga amazína, baratêrērana mū mănza n'íyĭndi miryāngo, ntibīnjírira abakŏbwa, ntibīnjírira abahŭngu, ntibīnjírira abîshwa, ntibaryá Intāma, ntibaryá igitígu, bări báfise ibimazi: Intāma nyamwêru: băvuga kó arí Intāma y'Imâna.Bări báfise kăndi inkīnzo, ingeyo, intútu n'úmugāra băkoresha mu kubāndwa, baratînya ahó băhāmvye abăbo, ibigabiro vy'Ábămi, amasūmo n'íbĭndi.

### 23. Umuryāngo w'Ábashŏma

NDABÊMEYE Jean[98] avuga kó Abashŏma bó mu muryāngo wîwé bafise imicó n'ímigēnzo ikuríkira: barakûnda gukórera igihúgu, nkó kubá abashîngantăhe, abatwăre n'íbĭndi, barabâna nêzá n'íyĭndi miryāngo, barasāngira akabísi n'ágahîye, barasabiranira abageni n'íyĭndi miryāngo, baratêrērana n'íyĭndi miryāngo, ntibīnjírira abakŏbwa, baratînya amatōngo y'ábăpfūye, yába ay'Ábămi cānké ay'ábāntu basānzwé, baratînya amasūmo kukó bĭbaza kó hăbayó amadayímoni, nta bimazi n'íbiterékērwa batūngá.

### 5.2. Imicó n'ímigēnzo imiryāngo nká yŏse ihūrírakó

Nk'ûkó twābibŏnye, hari imicó n'ímigēnzo imiryāngo nká yŏse ihurírakó n'íyĭndi yīháriye imiryāngo imwé mwé. Iyo micó bahūríyekó ni yó igizé Abarŭndi bŏse ahó mbére twōyishíra mu micó y'Ábarŭndi. Kĕnshi na kênshi; uwutáyikurikije yába yĭkūye mu băndi. Barahéza rēró bakamúharira ivōmó, bakamúca cānké bakamúharira umukēnke.

[97] NYABĔNDA Vincent, imyâka 90, Ruvúmu , itárikí 27/9/2016
[98] NDABÊMEYE jean, imyâka 86, Busāmbo , itárikí 23/9/2016

Iyo micó n'ímigēnzo ni iyi ikuríkira:

**Guhâna abageni:** kuva kĕra, Abarŭndi bămye básabiranira. Ntā wurôngora uwó bavūkána, arōnderera ahăndi muyĭndi miryāngo. Birashóboka kó arôngoye uwó basāngíye umuryāngo, nk'úmuhânza aríko ataco basāna. Uwurôngoye rēró mushíkiwé cānké uwó basāná baramúharira ivōmo

**Gutêrērana mū mănza**: Kuva kĕra Abarŭndi bămye báfashānya cāne cāne mu gutêrērana inzóga

**Kwŭbaha ibibănza bimwé bimwé nk'íngānzo, ahó băfuvye abăbo, n'íbitabo**: Kwŭbaha ingānzo ryări itégeko kukó yába ibîtse umwămi arí we Sêbarŭndi. Ni có kimwé n'úwapfūye wó mu muryāngo uwó arí we wese kukó bĭbaza kó ashobóra kugarúka arí umuzímu ákabagirira nâbi.

**Gukûnda kurima**: Abarŭndi nka böse batūnzwe n'úkurima arí na có gitúma uwo mucó imiryāngo nka yöse iwuhŭriyekó.

**Kutárōngóra umwîshwa**: ntā murŭndi arōngóra umwîshwa, uwŏbigira na wé yōharirwa ivōmo.

**Gutûnga ibimazi**: Imiryāngo nka yöse aho hāmbere yári ifíse ibimazi n'íbiterékērwa n'âhó atări bimwé kurí böse

**Kutînjírira abakŏbwa n'ábahŭngu**: warí umugēnzo ubujíjwe bívānye n'úmugēnzo wó gutêra intóbo

**Gusôzēra**

Mu gusôzēra, twōvuga ko intârá yo KŪNKÎKO–MUGĂMBA atarí agacé kīgênga ku bijânye n'ímicó n'ímigēnzo. Ako karêré kisūnga imicó n'ímigēnzo y'Ábarŭndi bose na kare basāngiye ururími (ikirŭndi), uburâro n'úburamuko (Uburŭndi).Ni na yó mpămvu twābōnyé imicó n'ímigēnzo imezé nk'îtégeko ahó

mbére uwǒyirēnga yōhavá ahárirwa ivōmo. Muyǎndi majāmbo, Abarǔndi bó mū ntârá yó KŪNKÎKO–MUGǍMBA ntibīsângije inyîfato, ingéne babānyé n'úburyo bwó kwǐyumvīra. Bīfata nk'ábǎndi barǔndi b'áhǎndi, babānye nk'ábǎndi barǔndi, eka mbére biyūmvīra nk'ábǎndi barǔndi arí na có gitúma umucó n'úmugēnzo urāngwá mū ntârá yo KŪNKÎKO–MUGǍMBA ushobóra kuwúsānga mu tǔndi turêré tw'ígihúgu. Ntitwōrangiza tútībúkije kó igihúgu kitākáje imicó n'ímigēnzo kibá kízimānganye kukó imicó n'ímigēnzo ni vyó birānga igihúgu n'ábakíbamwó.

## GUSÔZĒRA

Iki gikórwa twăcīyumvīriye mu ntūmbēro yó kwĕrekana kó amazína y'ímihîngo yāmá afise ubutúmwa ashikíriza bívānye n'ígikórwa căbēreye murí iyo mihîngo.

Twărīyumvīriye kăndi ku miryāngo mu ntūmbēro yó kwĕrekana kó ifisé imicó n'ímigēnzo iyirănga, amămūko, uruhára mu kwŭbaka igihúgu, ...

Kugíra dushiké kurí iryo hāngiro twarīfashīshije ubuhĭnga bw'ítōhoza: kwări ukubáza ibibázo bigúfi abatânzi b'ínkúru na bó bagasabwa gutânga inyíshu.

Ni murí iyo ntūmbēro twăshoboye kurōnka insígūro ku mazína y'ímihîngo, imicó, imigēnzo, amâmūko n'úruhára rw'ímiryāngo mu kwŭbaka igihúgu.

Murí iki gikórwa hari ivyó twărōnse vyīza. Twărashóboye kurōnka insígūro y'ímihîngo imwé imwé, icătumye ahāntu hîtwa izína kānāká, imicó, imigēnzo, amâmūko n'úruhára rw'ímiryāngo mu kwŭbaka igihúgu.

Hari kăndi ivyătunaniye gushikakó: Ntitwăshoboye kurōnka insígūro zöse zishobóka ku mazína y'ímihîngo.

Ku miryāngo na hó ntitwăshoboye kumenya amâmūko n'însígūro y'ímiryāngo imwé imwé. Aho twōvuga nk'ímiryāngo abatânzi b'ínkurú băvuze ibihushâne.

Mu kubāndānya iki gikórwa, hari ivyó tuboná bikwīyé gukórwa. Nkó ku mazína y'ímihîngo, harakwîye "kazīndūzi" y'íkirŭndi gusa.

Murí ico gihe insígūro y'íjāmbo ryöse ry'íkirŭndi yōbóneka bítagōrānye. Nó ku miryāngo ni có kimwé. Harakenewe kazīndūzi zivugá ivyĕrekeye imiryāngo kăndi zāndítse mu kirŭndi.

Mu kurāngiza, turatúmiye abăndi batōhōji kubāndānya iki gikórwa mu ntūmbēro yó gushíra ahabóna ivyó tutăshoboye gushikakó.

**Ibitabu vyǎfashije murí iki gikórwa**

**I. Ibitabu vy'ímitsîndo**

1. BANDIRA, Bonaventure ; *Le passage du Rwanda et du Burundi sous l'administration belge (1919-1922), thèse, 3ème cycle*, Louvain, Université Catholique de Louvain, 1981.
2. NGENDANZI, Fulgence ; *NDUWUMWE et sa chefferie de Buyenzi*, Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, 1987.
3. NDAYIZIGA, Charles ; *BARANYANKA et la chefferie de Kunkîko-Mugǎmba*, Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, 1987.
4. MANDA, Jean Pierre ; *La chefferie de KARABONA, fin 19ème siècle-1945*, Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, 1983
5. NDAYISHIMIYE, Donat ; *NTARUGERA, un grand chef de Bweru, fin 19ème siècle-1921*, Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, 1980.
6. SIHINGEJEJE, Vincent ; *L'Anti-roi Kirima ou l'échec d'une tentative dynastique, fin 19ème siècle, début 20ème siècle*, Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, 1982.

**II. Ibitabu vy'úbumenyi rúsǎngi**

1. NTAHOKAJA, Jean Baptiste, *Imigēnzo y'ĭkirŭndi*, Bujumbura, Université du Burundi, 1978 .
2. Vansina Jan ; *La légende du passé. Traditions orales du Burundi*, Tervuren, Musée Royal de l'Afrique Centrale, 1972.
3. MWOROHA, Emile (Dir); *Histoire du Burundi : des origines à la fin du 19ème siècle*, Paris, Hatier, 1987.
4. Rodegem Francis Marie ; *Onomastique rundi*, Bujumbura, 1965.

# Inyóngerá

**. Ikigára c'ímiryāngo yagérēreye mu ntârá yó Kunkîko-Mugămba kwā Barănyanka**

| Imitŭmba / Imiryāngo | Buziraguhīndwa | Busāmbo | Cāmpázi | Gishûbi | Kārunyínya | Mikúba | Muruta | Mutána | Myūgariro | Nkônge | Nyakíbari | Nyamiyogoro | Remera | Ruvúmu | Yānza | Igitigiri c'ímitŭmba imiryāngo igerêreyéko |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| 1. Abagănda | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | 1 |
| 2. Abaha | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | + | - | - | - | 2 |
| 3. Abahânza | + | + | + | + | + | + | - | + | + | + | + | + | + | + | + | 14 |
| 4. Abajîji | - | + | - | + | - | + | + | - | - | + | + | + | + | + | - | 9 |
| 5. Abakāmbāzi | - | - | - | + | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | + | 5 |
| 6. Abamana | - | - | + | - | - | - | + | - | - | - | + | - | - | - | - | 3 |
| 7. Abênēngwe | + | - | - | - | - | - | + | - | - | + | - | - | - | - | - | 3 |
| 8. Abĕnerwamba | - | - | - | - | - | + | - | - | - | - | - | - | - | + | - | 2 |
| 9. Abanyágisaka | + | + | + | - | - | - | - | + | - | - | - | - | - | - | + | 5 |
| 10. Abanyănge | - | + | - | - | - | - | - | + | - | - | + | - | + | - | - | 4 |
| 11. Abanyarwānda | - | - | - | + | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | 1 |
| 12. Abarima | - | - | - | - | - | - | - | - | + | - | - | - | - | - | - | 1 |
| 13. Abasáse | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | + | - | - | - | 1 |
| 14. Abasafu | - | + | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | 1 |
| 15. Abashŏma | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | + | - | - | 1 |

| | | | | | | | | | | | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| 16.Abashûbi | - | + | + | - | - | + | + | - | + | - | - | + | - | + | - | 7 |
| 17.Abasĭndi | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | + | 1 |
| 18.Abavúmu | + | + | - | + | + | - | + | + | + | - | + | + | - | + | + | 11 |
| 19.Abavŭmbi | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | - | 1 |
| 20.Abayēngero | - | - | + | - | - | - | - | - | + | + | - | + | - | - | - | 4 |
| 21.Abăzāge | - | - | - | - | - | - | - | - | - | + | - | - | - | - | - | 1 |
| 22.Abazibīra | + | + | - | + | - | - | - | + | + | + | - | + | + | + | + | 10 |
| 23.Abazige | - | - | - | - | - | - | - | + | + | - | - | - | + | - | - | 3 |

**B.Urutǒnde rw'ábatânzi b'ínkúru**

| Izína + Ba sêkúruza | Umuryāngo | Ahó abá | Ubwôko | Imyâ ka | Igenekerezo |
|---|---|---|---|---|---|
| 1.BAGAYUWǏTŪNZE Damien ±1945<br>Wa RURASŪMA ±1915<br>WA BARATĚRANA 1885<br>Wa GACEBERA = 1855<br>Wa BĪCA = 1825 | Umurima | Muruta | Umuhútu | 71 | 19/9/2016 |
| 2.BARAKÂMFÍTIYE Nicodème ±1938<br>Wa SERUKÂMBA ±1908<br>Wa MUSǏBIRE ±187<br>Wa FÚKU ±1848 | Umubānda | Mikúba | Umuhútu | 78 | 24/9/2016 |
| 3.BARUBÚSA Mora ±1945<br>Wa MUMĒRO ±1915<br>Wa NAGURU ±1885 | Umuhânza | Myūgariro | Umuhútu | 70 | 23/9/2016 |
| 4.BARUTWANAYÓ Michel ±1935<br>Wa NZŌRUBARA±1905<br>Wa NZOMARUMWÉ ±1875<br>Wa RURASŪMA ± 1845 | Umunyǎnge | Mutána | Umutūtsi | 81 | 25/9/2016 |
| 5. BIGĀRA Stanislas ±1926<br>Wa NGĀNDAYĪGÍRA ±1896<br>Wa BARAYOBEWE ± 1866<br>Wa NCĒMBERI ±1836 | Umuyēngero | Nyamiyogoro | Umuhútu | 90 | 22/9/2016 |
| 6. BIGĒNDÁKO Pie ±1947<br>Wa MAKĀMBIRA ±1917<br>Wa RUFYÓTO ± 1887<br>Wa BICENYÁGU ± 1857 | Umunyágisáka | Yānza | Umuhútu | 69 | 23/9/2016 |
| 7. BIRIKŪNZIRA Juvénal | Umwěga | Muruta | Umuhútu | 70 | 21/9/2016 |

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| Wa BUTETE ± 1916<br>Wa MBONABÚCA ± 1886<br>Wa MIFÚKO ± 1856 | | | | | |
| 8. BĪVÚGIRE Marguerite<br>Wa MUNŪKO ± 1906<br>Wa YĂBU ± 1876<br>Wa MUNYÚGURI ± 1846 | Umujîji | Mikúba | Umutūtsi | 80 | 24/9/2016 |
| 9. BUCÚMI Thérence ± 1934<br>Wa RUFYÓTO ± 1904<br>Wa MAGAZURA ± 1874<br>Wa FŪMBĚRI ±1844 | Umwĕga | Buziraguhīnd wa | Umuhútu | 82 | 19/9/2016 |
| 10.BUYÓYA Lucien ±1928<br>Wa SŪNZUGURU ± 1898<br>Wa BURAGÁRAYE ± 1868<br>Wa MIGĒNZO ± 1838<br>Wa RURIBÎKIYE ± 1808<br>Wa NYAGÁFŪNZO ± 1778 | Umuhânza | Busāmbo | Umuhútu | 88 | 20/9/2016 |
| 11.GASHWABURIRA Jean ± 1936<br>Wa RURASŪMA ± 1906<br>Wa BIKURĚNGE ± 1876<br>Wa BISĂMBA ± 1846 | Umuha | Buziraguhīnd wa | Umuhútu | 80 | 19/9/2016 |
| 12. KABEBA Léonard ± 1936<br>Wa NTORŌGWE ± 1906<br>Wa BIRIBUZÉ ± 1876<br>Wa NGŌNGO ± 1846 | Umuvúmu | Myūgariro | Umuhútu | 80 | 21/9/2016 |
| 13.KABÉGATÓ Cassien<br>Wa KARORERO ± 1918<br>Wa MBONABÚCA ± 1888<br>Wa MUZÍGO ± 1858 | Umuzibīra | Nkônge | Umuhútu | 68 | 24/9/2016 |

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| 14. KABWÁ Tharcisse ± 1947<br>Wa SERUSHĂHU ± 1917<br>Wa MUZIGURO ± 1887<br>Wa FŬTU ± 1857 | Umŭzāge | Nkônge | Umuhútu | 69 | 24/9/2016 |
| 15. KARIKŪNZIRA Gérard<br>Wa NDABASHĪNZE ± 1917<br>Wa MPFÚRAMA ± 1887<br>Wa SĂNZU ± 1857 | Umujîji | Nkônge | Umutūtsi | 69 | 24/9/2016 |
| 15.MINĂNI Jean ± 1950<br>Wa KAGŪNDU ± 1920<br>Wa SŪRI ± 1890<br>Wa NYAMÍBĂNGA ± 1860<br>NYĀNKURI ± 1830 | Umuzibīra | Yānza | Umuhútu | 66 | 23/9/2016 |
| 16.MINĂNI Jérôme ± 1948<br>Wa SŬNZU ± 1918<br>Wa NGĒNDO ± 1888<br>SÊRUFYĪRI ± 1858 | Umuvúmu | Karunyínya | Umuhútu | 68 | 23/9/2016 |
| 17.MINĂNI Sébastien ± 1945<br>Wa RUYOVU ± 1915<br>Wa SÊBIGWĪRA ± 1885<br>Wa MISÚRI ± 1855 | Umubānda | Busāmbo | Umuhútu | 71 | 20/9/2016 |
| 18.MISÍGARO Patrice ± 1916<br>Wa MARAGARIRA ± 1886<br>Wa FŪMBĒRI ± 1856<br>Wa KADŎNZI ± 1826<br>Wa NGÚGE | Umukāmbāzi | Gishûbi | Umuhútu | 70 | 27/9/2016 |
| 19.MUKÚRĂSHAKA Géneviève ± 1936<br>Wa RURÍBĪKIYE ± 1906 | Umushûbi | Nyamiyogoro | Umuhútu | 80 | 21/9/2016 |

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| Wa BARAGÁRAYE ± 1876<br>Wa BACEBERA ± 1846 | | | | | |
| 20.MŪNTUMÚBI Marc ± 1944<br>Wa BARAKAKA ± 1914<br>Wa NZĀNZE ± 1884<br>Wa MAGAZURA ± 1854 | Umunyarwānda | Muruta | Umutūtsi | 72 | 21/9/2016 |
| 21.MUNYŌNGA Patrice ± 1946<br>Wa MATŪTINÓ ± 1916<br>Wa NTAHONZANÍRA ± 1886<br>Wa RIRIKUMUTÍMA ± 1856 | Umurima | Muruta | Umuhútu | 70 | 21/9/2016 |
| 22.NĀHÎMÂNA Herman ± 1948<br>Wa VYÔMORO ± 1918<br>NDABÁKĒNGA ± 1888<br>MINYÁRI ± 1858 | Umujîji | Karunyínya | Umutūtsi | 68 | 23/9/2016 |
| 23.NĀHÎMÂNA Liboire ± 1948<br>Wa NDAYĂNSE ± 1918<br>Wa MIGERA ± 1888<br>Wa KAYĒNZI ± 1858<br>Wa RUGWĀNIRIZA ± 1828 | Umuzibīra | Nkônge | Umuhútu | 68 | 24/9/2016 |
| 24.NDABÊMEYE Jean ± 1951<br>Wa NDIRAHÍSHA ± 1921<br>Wa MUSAGANYA ± 1891<br>Wa GISAYA ± 1861 | Umushǒma | Remēra | Umuhútu | 65 | 19/9/2016 |
| 25.NDABIGÉZE Augustin ± 1936<br>Wa RUBĒYA ± 1906 | Umuyēngero | Câmpázi | Umuhútu | 80 | 20/9/2016 |

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| Wa NCĒMBÉGERI ± 1876<br>MUNĒRO ± 1846 | | | | | |
| 26.NDABÛMVIYE Déogratias ± 1948<br>Wa MAGURU ± 1918<br>Wa NDĪNZEMĚNSHI ± 1888<br>Wa MUYĒNZI ± 1858 | Umunyágisaka | Bukānya | Umuhútu | 68 | 23/9/2016 |
| 27.NDAMUSÁBE Cyprien ± 1946<br>Wa RYŌYÁ ± 1916<br>Wa RUFYÓTO ± 1886<br>Wa RWĬRI ± 1856 | Umuzige | Remēra | Umuhútu | 70 | 19/9/2016 |
| 28.NDARŪRUHÍRE Innocent ± 1953<br>Wa KADĚNDE ± 1923<br>Wa NAWĀWA ± 1893<br>Wa GIHUNA ± 1863 | Umusafo | Busāmbo | Umuhútu | 63 | 20/9/2016 |
| 28.NDARŪZANIYE Thadée ± 1944<br>Wa NJŎJO ± 1914<br>Wa NÁGACĪKÁ ±1884<br>Wa NDIRITÍRO ± 1854 | Abanyarwānda | Buziraguhīnd wa | Umutūtsi | 72 | 20/9/2016 |
| 29.NDAYAHÁNDE Côme ± 1939<br>Wa BAHEBŪRA ± 1909<br>Wa HĪCUBURŬNDI ± 1879<br>Wa BURIMÂSO ± 1849 | Umusĭndi | Yānza | Umuhútu | 77 | 23/9/2016 |
| 30.NDAYÎZÊYE Véronique ± 1936<br>Wa SÊBUSHĂHU ± 1906<br>Wa BUSHÂYĀYA ± 1876<br>Wa RUSHŎMBO ± 1846 | Umukāmbāzi | Gishûbi | Umuhútu | 80 | 27/9/2016 |

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| 31.NGĒNDABÂNKA Joseph ± 1946<br>BIRÍBŪZE ± 1916<br>RUMIRÁ ± 1886<br>MITÍMA ± 1856 | Umunyágisáka | Gishûbi | Umuhútu | 70 | 25/9/2016 |
| 31.NGĒNZÉMAKÉ Dominique ± 1941<br>Wa BANDORARÍGONA ±1911<br>Wa KADŎNZI ± 1881<br>Wa MARAGARIRA ± 1851<br>Wa RUHÚGA ± 1821 | Umwĕga | Remēra | Umuhútu | 75 | 20/9/2016 |
| 32.NÎBÎZI Gordien ± 1951<br>Wa NYŪNDO ± 1921<br>RIRAKAKA ± 1891<br>RUKARA ± 1861 | Umwênēngwe | Kārunyínya | Umuhútu | 65 | 23/9/2016 |
| 33.NIYÍBĬZI Diomède ± 1939<br>Wa BARÚMBĀNZE ± 1909<br>Wa GIRÁMACÚMU ± 1879<br>Wa NTÊKO ± 1849<br>Wa SÊBÂNGU ± 1819 | Umusĭndi | Yānza | Umuhútu | 77 | 23/9/2016 |
| 34.NIZIGIYIMÂNA Joseph ± 1946<br>NTIBĂRUTĀYE ± 1916<br>NTĀMWÎKEVYO ± 1886<br>NAMPIRIMA ± 1856 | Umunyágisáka | Mutána | Umuhútu | 70 | 25/9/2016 |
| 35.NSABIMÂNA Agricole ± 1953<br>Wa MAYÂBU ± 1923<br>Wa RUVUNA ± 1893<br>Wa RUHÚGA ± 1863 | Umuhânza | Remēra | Umuhútu | 63 | 25/9/2016 |
| 36. NSEKERA Séverin | Umuha | Remera | Umuhútu | 88 | 19/9/2016 |

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| ± 1928<br>Wa FŪMBĒRI ± 1898<br>Wa MUHÚRA ± 1868<br>Wa MARAGARIRA ± 1838<br>Wa NTÂWUYÂMA ±1808 | | | | | |
| 37. NTACOBAKĪMVÚNA Romane ± 1942<br>Wa SÊBIGÁWA ± 1912<br>Wa GWĒREKA ± 1882<br>Wa NYĀNKURI ± 1852<br>BITOTA ± 1822 | Umuzibīra | Nyamiyogoro | Umuhútu | 74 | 22/9/2016 |
| 38.NTĀMAVŪKIRO Antoine ± 1944<br>Wa WĀNÓGA ± 1914<br>Wa NDANÁRI ± 1884<br>Wa KINYAMUHWÊNJA ± 1854 | Umuvúmu | Buziraguhīnd wa | Umuhútu | 72 | 19/9/2016 |
| 39.NTUKAMAZÍNA Léopord ± 1936<br>Wa RURASŪMA ± 1906<br>Wa KABÛNDA ± 1876<br>Wa NZERÉRO ± 1846 | Umubānda | Buziraguhīnd wa | Umuhútu | 80 | 19/9/2016 |
| 40.NYABĚNDA Vincent ± 1926<br>Wa KIRIGABO ± 1896<br>Wa BIRENZWÂMO ± 1866<br>Wa SÊMUNYA ± 1836<br>Wa BUTÛNGÚKA ± 1806 | Umwěnerwām ba | Ruvúmu | Umutūtsi | 90 | 27/9/2016 |
| 41.NYĀNDWI Fidèle ± 1944<br>Wa BUSHWĂTI ± 1914<br>Wa RWĂMPŌNGO ± 1884 | Umuzâge | Nkônge | Umuhútu | 72 | 24/9/2016 |


| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| Wa TAMIGŎNGO ± 1854 | | | | | |
| 42.NYĀNDWI Léonidas ±1946<br>Wa NDABÊMEYE ±1916<br>Wa NTAMIGŎNGO ± 1886<br>Wa NDARO ± 1856 | Umunyǎnge | Mutána | Umutūtsi | 76 | 25/9/2016 |
| 43.NYĀNDWI Moïse ± 1949<br>KARIKUMUTÍMA ±1919<br>SIMBǏRI ± 1889<br>MIKÉVYO ± 1859 | Umwênēngwe | Karunyínya | Umuhútu | 67 | 23/9/2016 |
| 44.NYĀNDWI Paul ±1937<br>MUHÚKA ± 1907<br>NDABÂZI ± 1877<br>RUVUNA ± 1847 | Umuvúmu | Yānza | Umuhútu | 79 | 21/9/2016 |
| 45.NYĀNDWI Soter ± 1936<br>Wa NSAVYISÔNGORE ± 1906<br>Wa RUGÂNGU ± 1876<br>MABUYE ± 1846 | Umushûbi | Muruta | Umuhútu | 80 | 21/9/2016 |
| 46.NYARUNWA Antoine ±1928<br>Wa NTĒTURUYE ± 1898<br>Wa BIRYĀMA ± 1868<br>Wa MVŬMBAGU ± 1838 | Umunyarwānd a | Muruta | Umutūtsi | 88 | 21/9/2016 |
| 47.NZĒYIMÂNA Liboire ± 1949<br>Wa NSĀNZE ± 1919<br>Wa GĀJU ± 1889<br>Wa NYABĔBE ± 1859<br>Wa GASHÎNGE ± 1829<br>Wa MAGARURA ± 1799 | Unyagisaka | Muruta | Umuhútu | 67 | 21/9/2016 |

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| 48.NZĒYIMÂNA Marte ± 1953<br>GISAGANYA ± 1923<br>MVUNYÍMWE ±1893<br>BUDŌDA ± 1863 | Umushûbi | Munanira | Umuhútu | 63 | 23/9/2016 |
| 49.NZĒYIMÂNA Melchior ± 1935<br>Wa RUDÁKUBAGANA ± 1905<br>RUSOHORA ± 1875<br>BABWĪRA ± 1845 | Umuyēngero | Nyamiyogoro | Umuhútu | 81 | 22/9/2016 |
| 50.NZŌBONÍMPA Appolinaire ±1956<br>Wa RUMIRÁ ± 1926<br>Wa BIRIBŪZÉ ± 1896<br>NGWENYI ± 1866 | Umuyēngero | Nkônge | Umuhútu | 60 | 24/9/2014 |
| 51.NZŌBONÍMPA Libère ± 1934<br>Wa BIHÚME ± 1904<br>Wa BARYĀNA ± 1874<br>Wa BIRYÉGUSA ± 1844<br>Wa FŪMBĒZI ± 1814 | Umuhânza | Câmpázi | Umuhútu | 82 | 2/8/2016 |
| 52.RUGAZURA Boniface ± 1946<br>Wa RUKÁNU ± 1916<br>Wa MAYŌNGA ± 1886<br>Wa BIKUNĔNGE ± 1856 | Umushûbi | Câmpázi | Umuhútu | 70 | 20/9/2016 |
| 53.RUGUSHI Zacharie ± 1940<br>Wa BARANYIKWA ± 1910<br>Wa MAGĀMBU ± 1880<br>Wa NTIBISĪKÚRWA ± 1850 | Umuvúmu | Myūgariro | Umuhútu | 76 | 21/9/2016 |
| 54.RUSHŎMBO Simon | Umuhânza | Mikúba | Umuhútu | 82 | 24/9/2016 |


| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| ± 1986<br>Wa MBĀNYI ± 1956<br>Wa NGÚGE ± 1956<br>Wa MUYŌNGWE ± 1896 | | | | | |
| 55. SÊRUSHĂHU Léopord ± 1928<br>Wa NDAMUSĀNZE ± 1898<br>Wa TŎNGA ± 1868<br>Wa BUGĀNZA ± 1838<br>Wa NTERÁME ± 1808 | Umuhânza | Myugazariro | Umuhútu | 88 | 21/9/2016 |
| 56.SIMBAYÓBEWE Zacharie ± 1945<br>Wa MASÚBA ± 1915<br>Wa FŪNDI ± 1885<br>Wa MITÍMA ± 1855 | Umuha | Nyamiyogoro | Umuhútu | 71 | 22/9/2016 |
| 57. SINDĂYIGAYA Elias ± 1947<br>Wa BUSHÂYĀYA ± 1917<br>Wa MAGANÍRWA ± 1887<br>Wa RWARÚHOZE ± 1857 | Umwîru | Remera | Umututsi | 69 | 20/9/2016 |

## C. IBÍTI NDÔNDAMVYÂRO Z'ÁBĂTĀNZE INKÚRU


### 1. Igíti ndôndamvyâro cā NZEYIMÂNA Liboire (Umunyágisáka)





### 2. Igíti ndôndamvyâro cā SÊRUSHÂHU Léopold (Umuhânza)




### 3. Igíti ndôndamvyâro cā NĀHÎMÂNA Liboire (Umuzibīra)





### 4. Igíti ndôndamvyâro cā BAGAYUWĬTŪNZE Damien (Umurima)



## 5. Igíti ndôndamvyâro cā BARAKÂMFÍTIYE Nicodème (Umubānda)




## 6. Igíti ndôndamvyâro cā BUYÓYA Lucien (Umuhânza)



**7. Igíti ndôndamvyâro cā NZOBONÍMPA Libère (Umuhânza)**

- FŪMBĒRO (± 1814)
  - NGOYI (± 1839)
  - BIRYÉGUSA (± 1844)
    - NTUKÁMAZÍNA (± 1869)
    - BIHÚME (± 1871)
      - GATŪZŪZU (± 1936)
      - NZOBONÍMPA (± 1934)
      - RUHŌMVYA (± 1930)
    - BARYĀNA(± 1874)
  - RUTUNA (± 1840)

**8. Igíti ndôndamvyâro cā BIGĒNDÁKO Pie (Umunyágisáka)**


- BICENYĀGU (± 1857)
  - NTORŌRWE (± 1882)
  - RUFYÓTO (± 1887)
    - NKOMATI (± 1912)
    - MŪNDĬYE (± 1915)
    - MAKĀMBIRA (± 1917)
      - RIRIKUMUTÍMA (± 1934)
      - BIGĒNDÁKO (± 1948)
  - MUBÚKANO (± 1885)

**9. Igíti ndôndamvyâro cā GASHWABURIRA Jean (Umuha)**

- BISĂMBA (± 1946)
  - MIKERĔGO (± 1880)
  - BIKURĔNGE (± 1876)
    - MIFÚKO (± 1990)
    - RURASŪsMA (± 1906)
      - NZERÊRE (± 1930)
      - GASHWABURIRA (± 1936)
      - GŎMBO (± 1993)
    - BURWÁBARI (± 1903)
  - BINĒRO (± 1873)


## D. Amakáratá

# 1. Ikáratá y'întârá ya Kayānza[99]




[99] Isôko : Ubushikirangānji bw'îtwâro yó hagatí mu gihúgu


## 2. Ikáratá ya komǐne Muruta[100]




---


[100] Isôko : Ubushikirangānji bw'ītwâro yó hagatí mu gihúgu

# 3. Ikáratá ya komîne Kābaróre[101]





[101] Isôko : Ubushikirangānji bw'ītwâro yó hagatí mu gihúgu

## 4. Ikáratá y'ámazŏne yagíriwemwó itōhōza: Muruta na Nkônge[102]




102 Isôko : Ubushikirangānji bw'îtwâro yó hagatí mu gihúgu


## 5. Ikaráta y'ímiryāngo irí murí komīne Muruta[103]




1. Abazibīri
2. Abashûbi
3. Abahânza
4. Abajîji
5. Abavúmu
6. Abanyănge
7. Abamâna
8. Abanyarwānda
9. Abayēngero
10. Abanyágisáka
11. Ababāndi
12. Abazige
13. Abasáse
14. Abaha


[103] Isôko : Ubushikirangānji bw'ītwâro yó hagatí mu gihúgu

## 6. Ikáratá yērékana ivyĩbare vy'íngānzo[104]




[104] Isôko : Jean Pierre Chrétien, 1970

# 7. Ikáratá y'Íngānzo[105]




105 Isôko : Jean Pierre Chrétien, 1970


## E. Amafoto

**1. Ingānzo yá Mutâga Mbīkije i Rāmvya ryā Mutána.**



Yáfotowe na HABONIYAREMYE Sylvestre le 23/5/2016

**2. Ifoto y'íngānzo ya Ntáre Rugǎmba i Mugānza**



Yáfotowe na HABONIYAREMYE Sylvestre, le 25/5/2016

**3. Ingānzo ya Mwêzi Gisābo ku kirǎmbi cā Remēra.**



Yáfotowe na HABONIYAREMYE Sylvestre le 24/5/2016

## F. Urutônde rw'ámazína y'ímihîngo twǎkoréyeko

1. Ngānzo (ku)
2. Kirǎmbi (ku)
3. Musaraba (ku)
4. Mbúramâzi (mu)
5. Rugomero (ku)
6. Gatabo (mu)
7. Ibuye ryā múnago (kwa)
8. Nyānkūngu (ku)
9. Ikâzé (kwa)
10. Gíti (mu)
11. Rāmvya (i)
12. Irâro (kuwa)
13. Kivûzo (i)
14. Remēra (i)
15. Muruta (i)
16. Irângo (mwa)
17. Kibógoye (ku)
18. Nyǎnge (mu)
19. Rugarura (mu)
20. Muhêmba (ku)
21. Gitōngo (ku)
22. Myūgariro (mu)
23. Bukānya (mu)
24. Munanira (i)
25. Mikúba (mu)
26. Murǎngara (mu)
27. Rubǔngu (ku)
28. Bigǎnda (mu)
29. Bashûbi (mu)

## G. Ibibázo vy'ítōhōza

### I. Ku mazína y'ímihîngo

1 Izína ryāwe ni ndé ?
➢ Nāká.
2 Nāká wănde ?
➢ Nāká wa nāká.
3 Nāká wa nāká wă nde ?
➢ Nāká

4 Nōné aha hāntu hītwa ngw'ikí ?

5 Kuva kĕra nikó hămye hîtwa ?

6 Nōné kĕra hĭtwa gútyo kubêra ikí ?

7 Hăhīndutse kubêra ikí ?

8 Ico gihe hăhīnduka izína hări kurí ndé ?

9 Warámubônye cânké wūmva avúgwa ?

10Aha hāntu kó hasá na hárya aríko hatītíranwa na hárya ni kukí ?

### II. Ku miryāngo yagérēreye mu ntâra yó ku Nkîko-Mugămba

1 Izína ryāwe ni ndé ?
➢ Nāká.
2 Nāká wă nde ?
➢ Nāká wa nāká.
3 Nāká wa nāká wă nde ?
➢ Nāká

4 Umuryāngo wāwe wītwa gúte ?

5 Ni uruhe ruhára rw'ŭyu muryāngo mu matêká y'ígihúgu ?

6 Nōné uyu muryāngo usigūra ikí?

7 Iyo nsígūro yămyého kuva kĕra ?

8 Nōné uyu muryāngo ufise amâmūko ayâhe ?

9 Nōné uyu muryāngo ufise imicó n'ímigēnzo iyîhe ?

10Mbĕga ni iyîhé miziro y'ŭyu muryāngo ?

- Ēgó. Ni kukí ?
- Oya. Ni kukí ?

12Ni ayâhe mabānga n'ámabāngo y'ŭyu muryāngo mu kwŭbaka igihúgu ?

13Uyu muryāngo uratûnga ibimazi n'íbiterékērwa ?

- Ēgó. Ni ibîhé?
- Oya.

14 Uyu muryāngo wūbaha ibibănza ibîhé ?

15 Nōné uyu muryāngo warágabanye i Bwămi, i bugánwa cānké i Butwăre?

- Ēgó. Wagábanye ibíki? Ni bāndé băgabanye?
- Nōné uyu muryāngo warátonēshejwe?
- Ēgó. Ni băndé bătonēshejwe?
- Oya.

16 Bāsôkúruza bânyu rurāngíranwa ni bănde? Kubêra ikí?